# Umunsi Mukuru w'Inzamba

Jeffersonville, Indiana, USA
19 Mukakaro 1964 Mu Gatondo

1 [MweneData umwe aririmvye Kristo Ahishuwe. Ikoraniro riririmvye Izere Gusa.—Umw.]Twunamike imitwe yacu.

Mwami,igihe kimwe vyaravuzwe n'abigishwa bawe bakundwa ngo: «Twigishe gusenga.» Kukoiyo tubonye Inyonga za ya Mana ihambaye yo mw'Ijuru, duca dutahura ukuntu atacotwimariye. Rero twigishe gusenga Mwami, mu mitima yacu kano kanya, kubw'ibintubishobora kubera inyungu Ubwami bwawe no kubw'abasavyi bawe. Urazi ivyo umuntuwese ari hano akeneye.

Kandi hano ku meza, muri iki gitondo, hari udutambara n'imishwaro, hamwen'uduce duto duto tw'abakeneye ubufasha mu buryo bw'umubiri, no mu miryango,n'ibindi vyose. Ariko Uri Imana, Imana yonyene nsa, Imana yonyene y'ukuri ibaho.Rero turagusavye mw'Izina rya Yesu, Umwana wawe ukunda, ngo ukize umwe wesemuri bo. Kandi hashobora kuba hariho bamwe hano badafise udutambaro hano, cankeuduce tw'ibintu kanaka, bakeneye gukira.

Hashobora kuba hariho bamwe mumahanga bihugu bitandukanye, kw'isi yose, abo iyibande izosanga mu mazu yabo canke mu mashengero yabo. Turasavye, Mwami, mu giheigikorane kiriko kiraba, ku—ku… canke mu gihe bande izoba iriko iravuzwa, cankeumwanya uwo ari wo wose dushobora kuba turimwo, canke—canke ibihe, ya Mana ihambayeyo mw'Ijuru ize yubahe uku gushimika kwo kw'imitima yacu muri iki gitondo, mazeizokize abafise imitwaro, Izobahe ivyo bakeneye.

Uduhezagire ubu muri iki gikorane kiri imbere. Uvugire muri twebwe, kuruta ukovyigeze kuba, kubw'Ubwami bw'Imana. Turindiriye inyishu yawe mw'Izina rya Yesu.Amen.

2 (Womfasha muri ibi?) [Mwene Data Branham yimuye ibintu vyari ku gicaniro—Umw.]

Ni vyiza kwongera kuba hano mu rusengero muri iki gitondo. Nariko ndavugana gusan'abagenzi bamwe baje bava muri Ohio, ku bijanye n'umukobwa umwe muto, yazanywehano mu mezi makeya ashize, yari ku mpfiro arwaye kansere yo mu bwoko bwa leyukemiya.Abo bantu bari ba nyarucari, abo bavyeyi. Kandi sinaronse umwanya muri ikigitondo wo gusoma i—intahe iza kuana n'iyo dosiye. Ariko hariho ifoto yuwo mukobwamuto haheze iminsi itatu amaze gusengera. Abaganga bari bamuhaye iminsi itatugusa yo kubaho, hanyuma inyuma ya nya minsi itatu ntibari bashobora no kubonaibimenyetso vyayo. Ubu rero yibereye kw'ishuri, anezerewe rwose. Ndazi neza koabanywanyi b'ishengero bibuka igihe twari turi kumwe na we hano mu cumba.

Hanyuma kandi wa mwana muto yavutse afise amara, asa n'ayari hanze. Mu buryokanaka abaganga, hamwe n'ukuntu ayo mara yari akiri matoya, ntiyashobora kwongeragusubizwa mu kibanza cayo. Baratinya gukora kw'ako kana, kuko rwari uruyoyarukivuka. None ubu uwo mwana muto afise hafi umwaka, ndakeka, ikintu nk'ico, n'amaraameze neza, ibintu vyose bimeze neza. Ni ubuntu bw'Imana gusa, ni Nziza canetwebwe.

3 Rero uyu munsi, nari nshaka gutangaza ko ca gikorane twariko turategekanya, narikontegekanya kuja muri iri yinga riza muri—muri Afrika, hamwe na Mwene DataJoseph Boze, muri Kenya no muri Tanganyika. Ntidushobora kugira ico gikorane, bivanyen'ubutumwa bwazananye kuri telegaramu buvuye kwa Mwene Data Boze, buvuga ngo:"Mu ndwi iheze, abamisiyonari bacu batatu barishwe, baragandaguwe."

Mur'iki gihe hariya bariko baraca mu midugararo. Abakoministe bariko baraha imvukiraibirwanisho, bavuga ko bafise amato yo kuroba hirya no hino, Ubushinwa butukuran'Uburusiya; rero baraha ibirwanisho imvukira, izo nkoko bo bazikoresha ku cobashoboye kuzitumberezako, nta bindi bazi. Rero ng'aho, a—a—abategetsi babonayuko bitoba ari vyiza tugize igikorane muri iki gihe. Kandi nk'uko ndavyumvakandi, ngo Mwene Data Boze ntashobora no kwugurura ishure ryiwe muri kariyagace, aho nari ngomba kuja, muri iki gihe. Ariko ntivyahagaritswe, vyungurujwegusa gushika bongeye kugira ituze.

4 Ndanezerewe cane muri iki gitondo kubona, hagati yacu na ubugira kandi, inyuma y'imyakamyinshi badahari, Mwene Data Jackson, Mwene Data Sidney Jackson na Mushiki wacuJackson, akomoka muri Afrika y'Epfo. Bavuze? [Mwene Data Neville avuze ati: "Egome."—Umw.]Kandi abo bantu bari barumuna banje na bashikanje nyabo, n'abafatanyabikorwa mubikorane vyo muri Afrika y'Epfo, rwa rugendo hamwe duheruka kujayo. Ivyo na vyo,tukaba twizigiye yuko umunsi umwe, kubw'ubuntu bw'Imana, tuzosubirayo hamwe na bo,kuko birakenewe.

Kandi maze imyakaicenda ngerageza gusubirayo. Ariko kubera amadini n'ibindi, ntibagombakunyemerera ko nsubirayo. Rero narabandikiye ikete vuba, ndavuga nti: "Ubu reroamaraso y'iyo mishaha yazimiye abagweko, atari kuri jewe." Kubera ko, ndizerako Imana yashaka gukoresha igikorwa c'ibango ryanje hariya, kur'abo bantu, mu gihekanaka. Ariko kubera ubutandukane bw'amadini yabo, ntibagomba kunyemereragusubirayo. Ariko nta kibazo, ivyo Umwami azavyitaho.

5 Ubu rero, iconipfuza kuvuga muri iki gitondo, n'uko Umwami abishatse, Mwene Data Nevilleyansavye gukoresha igikorane uyu mugoroba, kandi aha nyene kw'Ihema. Twebwerero…Muratumiwe. Hanyuma kuw'Iyinga uza, Umwami niyabishaka, ntegerezwa kuzobandi hano, na none; uhereye aho, kumbure mu mayinga abiri canke atatu ariimbere, kubera ibi bitakibayo, ibi vyo gusivya ico gikorane cariko kirategurwa.

6 Na none twaritwpfuza kuvuga ibi, navuze ko kumbure twokwigishije za Nzamba Ndwi mur'ikigihe. Twaribajije gusa ingene ivyo tuzobikora bivanye n'uko tudafise inyubakoihagije hamwe n'ivyuma bitanga akayaga bikwiye, nta kayaga karimwo imbere. Ntibirahezagutunganywa kugira ngo turonke ivyuma bitanga akayaga. Twarageragejе gukoteshairi shure riri aha haruguru, ryoryo rirafise ivyuma bitanga akayaga, iryoibibanza vyo kwicaramwo bingana hafi…Ôo, sinzi; rifise ibinaza vyo kwicarikamwoabantu vyiza, ishure ryiza cane. Ariko ntaryo twashoboye kuronka.

Kandi vyoshoboka,boshobora kuhaduha mu ndwi iza. Ariko, mu ndwi iza? Murabona, hari intumwa zishoborakuza zivuye mu bice bitandukanye vy'isi; muri Jamayika, no mu mazinga, uhereyemu bumanuko, ndetse no muri Amerika y'Epfo, na Kanada, na Mexico, no hirya nohino kw'isi. Kandi turungitse amatangazo kuwa mbere, yobashikira nko kuwagatatu canke kuwa kane; hanyuma bategerezwa gusaba ibiruhuko, n'ibindi, ivyo navyo bikaba vyohava bituma bitanakunda.

Mu mayinga akurikira,kuri, kugeza igihe c'ishuri, ni, mwoshobora gufata umugoroba umwe, hanyuma tugasimbizakumbure umugoroba umwe canke ibiri, hanyuma tukongera tukabandanya, mw'icogihe…Mu vy'ukuri ivyo ntitwobishobora. Ntavyo mwoshobora.

7 Naribajije impamvu, igihe nasenga nshimitse. Hanyuma na none igihe kirageze ngo dusubiremuri Arizona, kugira ngo abana baje kw'ishure. Hanyuma noneho…Nariko mvugana n'umugore.

Hanyuma ejohahise, narinjiye mu cumba, ndavuga nti: "Mwami, nshobora—nshoborakudakoresha amajambo menshi, ariko tahura ico nshaka kuvuga mu mutima wanjeMana ndakwinginze. Hari ingorane nyabaki ko ibintu vyose biriko bimberaintambamyi ngo sinigishe izo Nzamba?" Hanyuma Iraza Irabihishura. Rero, muriiki gitondo, nshaka kuvugana namwe impamvu y'ivyo.

Noneho reka twebweabafise Bibiliya kandi twipfuza ku—kuzingurura muri Bibiliya zacu; ubwa mbereturazingurura mu Balewi, igice ca 23 c'Abalewi.

Umwami niyabishaka,uyu mugoroba nza kwigisha kur'iki cigwa: KuvaMw'Ikambi. Kandi buza kuba ari bugufi, kubw'ivyo muraza gushobora kuronkaumwanya wo gusubira inyuma kubw'akazi.

8 Turanezerewekubona hari abashitsi, abantu baturutse mu gisagara. Ni bangahe baje bavuyehamze y'iki gisagara co ng'aha, turabe?Mirongo cenda na gatanu kw'ijana, ego, mirongo cenda n'umunani kw'ijana vy'abagizeikoraniro. Rero murabona ko atari Jeffersonville, ni abantu baza iJeffersonville, ni bo bagize…Turi hano kubw'ubuntu bw'Umwami.

Noneho ndashaka gusoma ahantu hatatu, muri iki gitondo. Kimwe muri ho habonekamu Balewi igice ca 23, ahandi ni muri Yesaya 18, na Yesaya 27, kuri mwebwe mucaimirongo musi.

Noneho aho kuvuga ubutumwa…Umwami nabishaka, nza kubikora uyu mugoroba. Arikondashaka kwigisha muri iki gitondo, ku munsi mukuru w'inzamba ndwi. Uwo, ukukwezi ni umunsi mukuru w'inzamba ndwi, utangura…kandi ukwezi kw'indwi, kuzobaku ya 15 Mukakaro, yaba ari intango y'umunsi mukuru w'inzamba, mu vyagezwe vy'Abalewi.

9 Rero, nimba mufise impapuro zanyu n'ibindi, mukaba mwifuza kwandika Ivyanditswehamwe n'ibisomwa n'ibindi, mu gihe tubijako.

Hariho ikintu kimwe kuri iki gikorane, harashushe, kandi ivyo turamenyereye mu myakaitari mike. Ariko umuntu arashobora kwiyumvira yuko nibaza ko iyo twinjiye muriiyi nyubako tuba duhagaritse umwanya, kumbure, ko mu buryo bw'imfatakibanza, koduca tuja mu Bihe Bidashira mu buryo bw'imfatakibanza, bivanye n'ukuntu mfatiraabantu. Simba nshaka kubisobanura mw'ubwo buryo. Ariko nizera ko tubaye hafi caney'Ukugaruka kwa Yesu, ku buryo ntegerezwa gukamisha umunota wose mba ndonseabantu bakoraniye hamwe.

Nariko ndiyumvira igihe nari natwara imodoka Manuka mw'ibarabara mu mwanyauheze, nsohotse gusenga gato imbere yo kuza ku gicaniro, nk'uko umurongozi wesemu vy'Imana ashimitse mu mutima abikora. Nariko niyumvira ngo: "Urabizi, tugiraibihe vyiza cane iyo duhuye hamwe hano! Ariko, kandi abantu bahakoranirabaturutse muri mareta menshi, bacaye hano ubu, abava kure, ku bilometero amajanan'amajana, none turakoranira hamwe kugira ngo tugire isangira dukikije Ijambo.Ariko hazogera igihe, vuba, aho ivyo bizoba icibutso tuzoba twipfuza." Ukwo niukuri.

Ibi bihe bizovyakwa, birtyo rero dutegerezwa gukora ivyo dushoboye vyose,kugira ngo ibi, buri munota tuwuvyaze umusaruro. Na none nimwiyumvire aka kanya,mu gihe turiko turumva ubu bushuhe

bwo mu gitondo. Kandi murabizi, umubiri w'umuntuwese ubwawo ni i—imashini y'ubushuhe, ivyo bica bituma bigukomerera cane. Gusa,jewe nshaka ko mushikirwa n'Ijambo.

Noneho,imbere yuko du—dusoma, reka dusenge.

10 Mwami, abantu benshi hano bashobora kunyiganza amaboko yabo, barashoborakuzingurura impapuro za Bibiliya. Ariko hariho Umwe gusa muri twebwe muri ikigitondo ashobora kuryugurura; Uwo ni umwe Mpwemu Yera ahambaye, Ari hagatiyacu. Twugururire Ijambo, Mwami, mu gihe dusoma, nk'uko Wabikoreye abigishwa,igihe bari mu nzira ija i Emawusi, maze Utangura kubasobanurira Ivyanditswe. Nonereka natwe nitwagenda, tuze kuvuga nk'abo hamwe bari basubiye i Yerusalemu bavuyei Emawusi, duti: “Mbega imitima yacu ntiyagurugumbira imbere muri twebweigihe Yavugana natwe mu nzira?” Kubera ko ari mw'Izina rya Yesu tubisavye.Amen.

Rekaduhagarare kubwo kwubaha Ijambo.

11 Rero, icigwa canje co muri iki gitondo ni: UmunsiMukuru W'Inzamba. Kano kanya nshaka gusoma kuva ku murongo wa 23 igice ca23 c'Abalewi.

Uhoraho abarira Mose ati, Barira Abisirayeli, uti Mukwezi kw'indwi, umunsi wakwo wa mbere uz'ububere uwo kuruhuka bihebuje, ube uwokubibutsa, muwutangaze mu kuvuza inzamba, ube uwo gukorana kwera.

Ubu na ho mu Gitabu ca Yesaya, kuva ku murongo wa 1 w'igice ca 18, ibibirahurira hamwe.

Yewe wa gihugu c'amababa ahinda kiri hakurya y'inzuziza Etiyopiya,

Gituma intumwa zica mu kiyaga zigenda ku mazi kubitebo vy'inkorogoto, kiti Nimugende mwa ntumwa z'impayamaguru, muje mw'ihangary'abantu barebare b'imibiri iyagayaga, ubwoko bwamye butera ubwoba uhereyeubwa mbere ugashitsa n'ubu, ihanga rikomeye risiribanga vyose, ryo mu gihugukigabanijwe n'inzuzi.

Yemwe ababa mw'isi mwese, yemwe abagandagaje mw'isi,nimwabona ibendera imanitswe ku misozi miremire, muze mwiyubare, kandi inzambaniyavuga, muze mwumvirize.

Muri Yesaya 27:12 na 13.

Kur'uwo munsi Uhoraho azosekura akure impeke ziweuhereye kuri rwa ruzi Efurata, ugashitsa kuri wa mugezi wa Egiputa, mazemuzonobagurwa umwumwe, mebwe Abisirayeli.

Maze kur'uwo munsi inzamba niniya izovuzwa; kandihazoza abariko barahona mu gihugu ca Ashuri, n'abirukanywe mu gihugu caEgiputa; bazosengera Uhoraho ku musozi wera i Yerusalemu.

12 Reka twongere dusenge. Mwami, hezagira aya Majombo mu mitima yacu. Rekaivyiyumviro vyacu n'ukuzirikana kwacu bibe ibihuye n'ico Udushakako. Mw'Izinarya Yesu Kristo. Amen.

Nimwicare.

13 Hariho ibintu vyinshi umwungere yari yipfuza kubwira ikoraniro ryiwe akunda, kubantu batandukanye baturutse ahantu hatandukanye, na vyo bikaba bitokundakubera umwanya.

Rero mu gihe dutandukiriye iki cigwa, dushaka ko mwiyumva mwidegemvya. Kandibenshi muri mwebwe barahagaze; kandi mu gihe nariko ndarengana nza, ku mpomehari huzuye, no hanze ku miryango, imbere, no hirya no hino y'inyubako, no kumpande zose z'ibihome. Noneho ubu, niwashaka guhindura ikibanza ukabisa uwundi,bizoba ari vyiza.

14 Ubu rero, Umunsi Mukuru w'Inzamba. Noneho, uku kwari ugukorana kw'Abisirayeli,aho bakoranira hamwe, umunsi mukuru w'inzamba.

Rero, haraheze igihe kanaka ngambiriye kuvuga kuri za Nzamba Ndwi zo mu Gitabuc'Ivyahishuriwe Yohana. Gusa ubu tugiye gusubiramwo ibi, akanya gato, kugira ngodushire ahabona impamvu nyayo yatumye ntavyigisha iki gihe, kuko Mpwemu Yera atonyemereyekuvuga muri iki gihe kuri ibi bintu. Ndazi ko vyumvikana nk'ivy'abana batokumbure, ku bantu bize cane kandi batahura, ariko ku Mukristo biratandukanye. Twebwe du—dukurikira uburongozi bwa Mpwemu, ivyo vyonyene.

15 Noneho, ntanguye kubona inyigisho y'Ibihe Ndwi vy'Ishengero, ikaba ari yo ci—citegerereza,canke gushira ahabona imbere y'igihe ivyo Imana yari igiye gukora ku mashengero,kandi biciye mw'ayo mashengero, no kuyashira mu kibanza.

Ibice bitatu vya mbere vy'Igitabu c'Ivyahishuriwe Yohana vyerekana ibintu vyosebiba kw'Ishengero. Noneho, kuva mu gice ca 3 kugeza ku gice ca 19 c'IvyahishuriweYohana, Ishengero ntiryongera kuboneka. Ishengero rizamuka mu gice ca 4 c'IvyahishuriweYohana, hanyuma rikagaruka mu gice ca 19

c'Ivyahishuriwe Yohana, Umukwen'Umugeni bari kumwe, baje kw'isi. Hanyuma kuva mu gice ca 19 kugeza kumwanzuro w'igice ca 22, bose baba bari muri bwa Bwami bw'Imyaka Igihumbi hamwen'ibizoca biba mu myaka izoca ikurikira. Kuva mu gice ca 4 kugeza kuca 19,Imana iba iriko ikorana na Isirayeli.

16 Rero, igihe twarangiza igitabu co guhishurwa kw'ishengero, ivyo Imana yakoreyeayo mashengero ndwi, ayo ico gihe yari akiri mu buto bwayo, canke mu bitutuvyayo, muri Aziya Ntoya. Ico gihe Mpwemu Yera yaraduhishuriye kandi atwugururiraamabanga yose yarimwo ng'aho, y'ukuntu yaduganye Ishengero ryayo muri kahise. Kandinimba mudafise Ibihe Ndwi vy'Ishengerokuri bande, vyoba vyiza hamwe muvyumvirije. Kandi bizoba biri mu mero y'igitabu.

Rero naciye ndabirekera aho, hanyuma nguma nibaza yuko inyuma y'igihe gito twokwigishaku Mashashara, ntazi ico ayo Mashashara yari.

Nari mfise iciyumviro canje bwite, nk'uko umukozi w'Imana wese ameze, mu gusomakumbure ivyo abandi bantu bavuze; no kwizera uko bishoboka kwose, hamwe nabo, kuvyo bari barashitseko, imyanzuro yabo. Nari narasomye igitabu c'UmushingantaheSmith, Uriah Smith, na we akaba ari umwigisha w'Umudivantiste, rero nari narasomyei—ivyiyumviro vyiwe kuri yo. Kandi nari narasomye ivy'Umushingantahe Larkin.Nari narasomye, yewe, ivy'abantu benshi batandukanye, ivyo banditse bavugakur'Ibi. Ariko, mu buryo bumwe n'ubundi, niyumvira yuko mfise har'ukuntu mfiseimbono yavyo jewe ubwanje, kumbure itandukanye n'ivyabo mu bice bitandukanye.Ariko igihe kimwe narageragej e kuvuga gusa ku bice bitatu, ica mbere… ibicebine vya bamwe bane bagendera ku mafarasi. Navyigishije imigoroba ine, umwekw'ifarasi, uwundi ku yindi.

17 Ariko rero imbere gato yuko biba, nari nahawe iyerekwa na ryo rikaba riri kuribande, nk'uko mwese mubizi, Bagenzi, NiGihe Ki? yuko notegerejwe kuja muri Tucson, muri Arizona. Kandi hariyainyuma y'ubugaragwa, hejuru ku musozi, aho nari ndi hamwe na Bene Data bamwe, narinababwiye ukuntu hobayeho uguturika gukomeye cane, maze…Abamarayika ndwi bagacabamanuka. Jewe ukuntu navyiyumvira, nibajije ko ryari iherezo ry'ubuzimabwanje; naciye mwbira umugore wanje kuja gutora Billy, ni co gukorera abana, n'ibindi,kugeza igihe tuzongera kubonanira ku rundi ruhande.

18 Hanyuma umunsi umwe, i Sabino Canyon, mu gihe Imana yari yampamagaye kare mugitondo ngo ndugeyo, nariko ndasenga nataritse amaboko, maze inkota ikorokeramu biganza vyanje. Ivyo murabizi. Narahagaze aho ndayihweza, mu buryo busanzwenyene nk'uku ikiganza canje kimeze mw'aka kanya, sinari nzi ico vyasobanura. Yagumyeaho hamwe n'Ijwi ryavuga ngo: "Iyo ni ya Nkota ya Wa Mwami." Hanyuma munyuma, igihe Umumarayika w'Umwami yabihishura, ryari Ijambo mu minwe.

Ako kanya inyuma y'ivyo, Abamarayika b'Uhoraho baraserutse bavuga ivy'InzambaNdwi…nako Amashashara Ndwi, yuko nategerezwa kugaruka hano i Jeffersonville hanyumankigisha ku Mashashara Ndwi. Kandi ng'aho, nimba narigeze kuvuga ikintu nakimwe gihumetswe, hari muri ivyo. Aho ni ho twahuriye na wa Mumarayikaw'Uhoraho, Bibiliya ica ihinduka Bibiliya nshasha. Ng'aho Vyaruguruye vyongeraBihishura ibintu vyose abagorozi n'abandi basize vyenena. Yari impishuro inengesereyeya Yesu Kristo, kandi nshasha kuri twebwe, ariko ihuye neza na neza n'Ivyanditswemu buryo butunganye. Iryo ryari rya Jambo ryahozeho. Ryari rihumekewe rwosekandi ritumbereye.

19 Rero igihe nashika kuri iki gice hano, co kwigisha ku Nzamba Ndwi, narikondiyumvira nti: "Emwe, nta kintu na kimwe nzogerageza kwiyumvira. Nzororeragusa kugeza ico gihe ndamureke Abimpishurire." Noneho ejo mu gihe nariko…Narinjiyemu cumba nibaza impamvu…Nako, murantunga, hari ejo bundi. Aho ninjiriye mu cumba,kugira ngo ngerageze gutahura, ni ho Mpwemu Yera yugurura ibi, kugira ngoanyereke impamvu ana n'ico vyomarira Ishengero muri iki gihe, ata na hamwebihuriye n'Ishengero, na gato.

20 Rero, ya mabanga ya Kristo yari yaranyegejwe yahishuwe mu buryo bunengesereye muriya Mashashara Ndwi.

Vyatanguye guhishura Ibihe Ndwi vy'Ishengero, vyuguruye ivyo Bihe hanyumabibishira mu kibanza, haba muri kahise hamwe no muri Bibiliya, bibishira mukibanza cavyo, uko vyari bimeze. Kandi twasanze igihe c'ishengero rya nyuma, kukoturi Igihe c'Ishengero rya Lawodikiya, na co kikaba ari co cari cononekaye canemu bihe vyose vy'ishengero. Ndetse kuva ku ca mbere, guhera mu Banyefeso, cariigihe gihambaye c'ishengero.

Hanyuma n'ukuntu hano, Mpwemu Yera yaramapye iyerekwa, hanyuma mbona ivyobaye,narabicapuye ku kibaho, hashize imyaka ibiri. Ng'ibi hano ku gicapo, ukuntu uwoMuco wagenda uhera kw'isi, akaba ari no mur'ubwo buryo Umuco waje kw'isi,nk'Ubutumwa Bwiza, n'ukuntu woyonze ukazimangana. Ico gihe sinari nzi icovyasobanura n'ukuntu vyogenze.

Ariko ya si nini y'ubumwe bw'amashengero yaragiraniye i—inama na Roma; hanyumaRoma, akaba ari na yo nyina w'amadini yose; Papa, incuro ya mbere muri kahise,yavuye i Vatikano aja i Yerusalemu n'ahantu henshi. Rero, Yerusalemu ni hocicaro ca kera c'amadini yacu yose, ni Yerusalemu. Rero kur'ici cicero ca kera,papa avuye i Roma, akaba ari we yabaye umwansi ahambaye w'Ishengero ibihe

vyose,yagiye kugira ngo aje kugendera Roma…nako yavuye i Roma aza muri Palestina, i Yerusalemu.

21 Kandi nk'uko tubibona, kuba ntarize jewe ubwanje, ntazi a—amajambo nu buryo bwokubivuga, namye nigisha nkoresheje ibitutu, ibigereranyo vy'ivyaremwe. Kamere bizokurikiraivyaremwe. ivyaremwe ni ivy'Imana.

Iyo ufashe igihe inka ziba ziri mu murima,zose zikoranira hamwe mu mfuruka y'umurima, uzove mu kibanza cawe cokuroberamwo; amafi ntazofatwa. Ntuzokwigera uyafata; murabona, inka zicaziruhukira; keretse nimba wazishize aho zishobora kuryama. Ariko iyo inkazigiye kurisha, muzoce muraba. Mw'uyo mwanya nyene inka zikoze ivyo, inyoni nazo zica zigwa ku biti; inka zizoca zihagarika kurisha. Murabona, ni ivyaremwe. Vyosebikorera hamwe. Muravye inzuki, mur'ico gihe, ziba ziriko zidumira hejuru y'ubukibwazo, ntiziba zagiye kuburondera. Ivyaremwe vyose bikorera hamwe.

22 Kandi rero, nk'uko tubona igiti gikorora ibabi, hano vuba, mu amezi abiri ariimbere, amababi azoba yaheze ku biti. Kandi u—ubuzima, ubukame buzoca bumanukamu muzi. Kandi amababi y'ibiti azokorokera hasi hanyuma abore. Kandi icunyunyu cakalisiyuma na—na potasi biri mu mababi y'ibiti, bizoborera mu butaka. Habahabaye iki? Ubuzima ubuzima buba bwagiye imbere yayo, buzoyakwega agaruke, ubwobuzima buzokwongera butume ayo mababi atutuza. Ni urupfu, guhambwa, no kuzuka.

23 Kandi ivyaremwe vyose! Ukwezi ni umu—ni umugore w'izuba. Ni umuco mukeya.Hanyuma, na none, iyo izuba rirenze, iyo izuba ridahari, ukwezi kwakiriza isiumuco, akaba ari ikigereranyo c'ishengero. Rero igihe papa yagendayo, wa mwansiwa kera w'ishengero, maze akaza i Yerusalemu, kikaba ari co cicero c'ishengero;ari yo, Yerusalemu nsha na Yerusalemu ya kera; turabibona, imbere yo biba,habaye ubwirakabiri bushitse.

24 Kandi mu binyamakuru, hirya no hino mu gihugu nk'uko tubifise ku kibaho, vyarerekanyeingene ukwo kwezi kwahindutse ubwirakabiri. Kandi ico kintu nyene cabaye, ukuntuukwezi gucapuye neza mu kirere, ni ko nyene Mpwemu Yera yantegetse gushushanyahano mu myaka ibiri iheze, hanyuma yerekana… hatwikiriye i…Igihe nagiraamashusho atandatu, iy'indwi nayishize aho, kubera ko igihe c'ishengero ry'indwi,igitutu c'Umuco gusa, ukugenda kw'i…Aho ni hamwe Yesu yari ku rugi, aramutsa.Ariko vyinjiye mu mwiza w'umuzitanya.

25 Kandi mbega ukuntu bigaragarira amaso, mbega Ubutumwa buva ku Mana ubwayo, yukoibi ari Ukuri! Yabanje kubishingira intahe mw'Ijambo ryayo, hanyuma na Mpwemuku gicaniro, mu nyuma Ibitangaza mu majuru. Nta kosa na rimwe ribirimwo na gato.Ayo Mashashara n'Ibihe birahuye neza mu buryo butunganye, Imana irabishingiraintahe mu bimenyetso vy'indengakamere n'utwumiza, hamwe n'Ijambo na kahise, vyosebitondetse hamwe, mu gihe tubayemwo.

Gusa ibi biragoye ko amashengero abibona. Biragoye ko amadini abibona. Burigihe bagerageza kwibaza yuko uba uriko ugerageza gukankamira abantu. Si ivyouba urimwo; uba uriko ugerageza kuburira abantu. Si kugerageza kubabera umuntumubi; uba uriko ugerageza kubakura mu kibi. Si abantu mur'ayo madini; ni uwomukorere barimwo, ni wo uriko urabazimiza. Hariho abantu b'imvugakuri kandibashimitse mu mutima b'Abakatolika, Abaporoti, Abayuda, n'abandi benshi. Niabantu ba—bagira…

26 Ababikira ntibaja mu kibikira ngo babe abagore babi; bajayo kugira ngo babeabagore beza. Baba bariko bagerageza kwiyegereza Imana, ariko ni uwo mukorere ubahumanya.Abantu barifatanya n'ishengero, atari kugira ngo babe babi, ahubwo kugira ngo babebeza. Ariko ni umukorere w'ishengero ubakura kw'Ijambo n'ivya ngenderwako Imanayashizeho kubw'iki gihe; kandi ivyo ni vyo bibahubisha inzira.

27 Rero mwibuke, Imana ni Ijambo, kandi kuri buri bihe, Yageneye Ijambo buri gihe cobayekw'isi. Yarigenye mu gihe c'ishengero, kandi Amashashara Ndwi yahishuye agacekose karyo. Murabona?

Kuki habayeho…hari amabanga yari akinyegejwe? Ivyahishuriwe Yohana 10, dusanga kumpera y'Ubutumwa bw'umumarayika w'indwi, yuko ayo mabanga yari yaranyegejwe yohishuwe,Ivyahishuriwe Yohana 10:1-7. Nimurabe, impamvu ni kubera ko ata bavugishwa barihomuri iki gihe. Bibiliya ivuga ngo: "Imana ntaco ikora itabanje kugihishuriraabavugishwa bayo, abasavyi bayo, abavugishwa." Kandi Ijambo ry'Uhoraho mubihe vyose ryagiye riza ku bavugishwa, nta na rimwe ryigeze riza ku mukorere, ntana rimwe ryaje ku mugwi.

28 Imana ntiyigeze ikoresha umugwi. Igihe cose umugwi wose w'abantu wamye ucawitunganya, Imana igaca iwuvamwo kandi ntiyigera yongera kuwugarukamwo. Nimuronderemuri kahise murabe nimba ari vyo canke atari vyo. Turamaze kubikora. Nyigera Ikoranan'umukorere canke umugwi, mu nyuma baca bitunganya; biranyuranye Imana.

Kubw'ivyo rero, mu gihe c'ubugorozi, harajeabagorozi, nk'uko Amashashara Ndwi yavyerekanye kw'ari ko vyagenze. Ariko muminsi y'iherezo ubu, vyategerezwa kwongera guhishurwa. Kubera ko, dusanga mu Vyanditswe,muri Malaki 4, yuko hategerezwa kubaho uwusizwe amavuta aza akagarukana kwaKwizera kwo ku nkomoko, "no kugarukana ukwizera kw'abantu kuri Pentekote yo ku nkomoko, kwa Kwizera kwa

ba data."

29 Twarabonye Eliya umwe yatangura kuza; twarabonye Elisa amukurikira; twarabonyeYohana Umubatizi inyuma y'ivyo, uwari Elisa w'uwo munsi; hanyuma isezerano ku bandimur'iki gihe.

Rero, Yohana Umubatizi ntiyari Elisa wo muri Malaki 4. YariElisa wo muri Malaki 3. Yesu yarabivuze. "Ehe ngira ntume intumwa yanje imbereyanje, kugira ngo indoranirize inzira." Dusanga yari ico.

Rero mu kubikora,mu kubona izo mpagararo, turazi yuko Ivyanditswe vyose vyahumetswe n'Imana,biduhishurira yuko turi mu gihe c'iherezo.

30 Ubu rero,ndamutse nzanye ubutumwa bwa Pentekote, noba ndi mu gihe c'ishengero rya Lawodikiya,kandi ntivyoba ari vyo.

Ni na yo mpamvuWesley atari ashoboye gufata ubutumwa bwa Luther. Luther yari mu gihe kimwe, igihec'ishengero, Wesley na we yari mu kindi gihe c'ishengero. Iyo Yesu aza kuza mu…azanyeubutumwa bwa Mose, ntibwari gukora. Iyo Mose aza kuza azanye ubutumwa bwa Nowa,ntibwari gukora.

Ariko Imana yaragabanganirije a—a—abantu bayo bo mu bihe vyose, Ivyanditswe.Kandi imbere yuko igihe kibaho, ngo gishike mu gihe, amashengero aba yabayeurudubi ku buryo ba—batamenya aho bageze.

31 Iyo ni yo mpamvu bananiwe kumenya Yesu We Yari Wa Mwana w'Imana. Bo, imigenzoyabo yari yarahumye amaso, ariko Yari ahuje n'Ivyanditswe rwose.

N'uko nyene vyagendeye abavugishwa. Yesu ati: "Ni nde muri mwebwe, muri baso, atigeze atera amabuye abo bavugishwa mwaba murungikiwe?" Ico giheImana yararungika umuvugishwa wayo, ku… kandi umuvugishwa ni Ijambo rizimary'Imana, rigaragajwe.

Yesu yavuze ati: "Ni gute mushobora kuncira urubanza, mumpora ngo n'ukomvuze nti, 'Ndi Umwana w'Imana,' kandi mwita, mu vyagezwe vyanyu bwite…Mavuzeabo Ijambo ry'Uhoraho ryajeko," na bo bakaba bari abavugishwa, "mubita'imana.' Kandi ni co bari, kuko Ivyanditswe ntibishobora guhinduka." "None nigute muncira urubanza?" Mu gihe Ari…Bari bagize ivyagezwe, bari bagize Ijambory'Imana, ariko Yesu yari ukunengesera kw'Ijambo ry'Imana. Umugambi wayo wose w'incungu,ukunengesera kwose kw'Imana, kwari muri We.

32 Rero, mu bihe vy'ishengero, bari bakoze ivyo nyene. Na yo Amashashara Ndwiategerezwa guhishura amabanga yose yari yasigaye yenena muri ico gihe, kuko ntabavugishwa twari dufise, Ijambo rikaba ritaza ku bagorozi. Abavugishwa!

Imana ntihinduka. Muri Malaki 3, Yavuze Iti: "Ndi Imana, kandi simpinduka."Inzira ya mbere y'Imana yo gukora ikintu cose, ni yo nzira Imana izohoraikoramwo ikintu cose. Imana yafashe ingingo yuko Yokijije umuntu Ikoresheje Amarasoyamenetse y'uwutagira icazira, mw'itongo rya Edeni, kandi ntiyigeze Ibihindurakuva ico gihe, kandi ntishobora kubihindura. Twagerageje, biciye mu nyigisho,inyubako, imikorere, n'amadini, imico, n'ibindi vyose, kandi vyose vyarananiwe.Ariko hariho ahantu hamwe gusa Imana ihurira n'umuntu, aho na ho ni musi y'Amarasoyamenetse y'Uwutagira ico azira. Mur'ayo Maraso gusa! Iyo ni yo yari ingingo yambere. Murabona?

Twebwe turashobora gufata ingingo, hanyuma mu mwaka uza tugashobora kwiyumviraivyiza kurusha; tukagira iciyumviro ciza kuri vyo, mu mwaka ukurikira. Ivyo Imanantavyo ishobora; Yoyo ntigira iherezo. Ingingo yayo ya mbere iba itunganye; ntakintu na kimwe gishobora kuyihindura. Ndashobora kwungura ubumenyi; twebwedufise aho tugarukira. Ndashobora kwungura ubumenyi; urashobora kwunguraubumenyi. Ariko Imana ntishobora kwungura ubumenyi; ubwa mbere bwobwoIratunganye. Kubw'ivyo rero, ku ngingo yayo ya mbere, ca uruhukiriza umushahawawe kuri yo. Ivyo Bibiliya ivuga, ni ivyo!

33 Imana izotegerezwa gucira isi urubanza umunsi umwe. Abakatolika rero bavuga yukoIzoyicira urubanza Ikoresheje ishengero Katolika. Nimba ivyo ari vyo, ni ishengeroKatolika iyihe? Baratandukanye, umwe ku wundi. Nimba mubaye mugiye kuyiciraurubanza mukoresheje Abaporoti, mwokoreshe irihe shengero ry'Abaporoti?Baratandukanye, umwe ku wundi. Rero vyoba birimwo igipfungu; nta n'umwe yomenyaaho ari buhagarare. Nimba Abametodiste bari mu kuri, Umubatiza aca azimira. NimbaAbaporoti bari mu kuri, Abakatolika baca bazimira; Katolika ibaye ari yo iri mukuri, Abaporoti baba bazimiye.

Ariko Bibiliya ivuga yuko Izocira urubanza isi Ikoresheje Yesu Kristo, na We niIjambo. Rero, Izoyicira urubanza n'Ijambo.

Kandi amadini yose arava kuri iryo Jambo,kugira ngo bakore nemera zabo. Ndasavye gusa uwushaka wese anyereke aho bafataIjambo ryose. Ntibashoboye kubikora, kuko bagenzurwa n'umukorere w'umuntu. Aho usanzeumuntu…

Imana ntiyigeze ikorana n'umuntu arenze umwe mu gihe kimwe. Ntiyigeze Igiran'abavugishwa babiri

mu gihe kimwe. Umwe! Imana irashobora gufata umuntu umwe kiganzacayo. Ntikorana n'intuze yawe… n'idini ryawe; Ikorana na wewe.

34 Ubu rero, dushingiye kur'urwo rufatiro, duca dushika ku mu munsi mukuruw'inzamba, amabanga yari yaranyegejwe. Vyari vyaravugishijwe yuko vyategerezwakumera gutyo, kubw'ivyo vyabwirizwa guhishurwa uko vyari bimeze. Ariko kugirango bihishurwe mur'iki gihe c'iherezo, mu gushitsa neza ivyo maze kuvuga,Malaki igice ca 4, Luka igice ca 17 u—umurongo wa 30, ingene Yobikoze, n'Abaheburayo13: 8, Abaheburayo 4: 12, hamwe na vyinshi muri ivyo Vyanditswe bibitubwira. Rero,nimba ivyo ari bishasha kuri bamwe muri mwebwe, nshobora kuvuga yuko Imana yana ntaryo…Uburyo Imana imenyekana mu bantu bica ku buvugishwa.

Abayuda bahoze bazi yuko babwirizwa kwizera abavugishwa babo. Yavuze Ati: "Nimbahariho umwe muri mwebwe, Jewe Uhoraho nzovuganira na we mu nzozi zo mu buryo bwa mpwemu no mu mayerekwa.Kandi ivyo azovuga nivyashika, muze mumwumve." Bahora igihe cose…

Ukwo ni ko bananiwe kumenya Yesu, bica biba ngombwa yuko bamufata nk'ikindikintu, nuko bamugira impwemu mbi, "Beyezebuli," kuko Yari ashoboye gusuzumaivyo imitima yabo yiyumvira. Turazi na ntaryo yuko ico ari co kimenyetsoc'Ijambo.

35 Abaheburayo igice ca 4, umurongo wa 12, havuga ngo: "Ijambo ry'Imanarikarishe kuruta inkota y'ubugi bubiri, risuzuma ivyo umutima wiyumvira,ukagabira."

"Mpwemu Yera niyabazako, azobibutsa ivyo nababwiye, kandi azobereka ibizoza."

Abaheburayo 1, "Imana mu bihe vya kera, mu buryo bwinshi, yavuganye na ba databiciye mu bavugishwa, muri iyi minsi y'iherezo Yavugiye mu Mwana wayo, YesuKristo." Ya Mana nyene, yahindutse gusa iva mu bavugishwa Iba Mwana. Nta bindi.Murabona? Buri gihe bwa Butumwa nyene, ya nzira nyene yo kubikora.

36 Ubu rero, vyaravugishijwe yuko amashengero yobaye ari mur'uku kuntu,yategerezwa kwongera kugarukanwa. Kandi muri Malaki 4, Yavuze yuko "Yorungitseumuvugishwa Eliya, ko yokwongeye kugarukanye a—abantu", hamwena…akabazana. Nimurabe neza. Kandi mbere gato…Nako, inyuma y'Ubutumwa bwiwe,hazobaho igihe isi izotongorwa n'umuriro, hanyuma umugororotsi agasiribangaumunyota.

Ubu rero, kuri bamwe mu banyatewolojiya bashobora kuba bariko barumviriza iyibande, ahantu kanaka kw'isi, nimba mwibaza yuko uwo yari Yohana, aho reronimwibuke, Ivyanditswe vyoba birimwo amakosa, kuko isi ntiyatongowe n'umuriroinyuma y'ubutumwa bwa Yohana. Yesu ntiyaje ngo ace atwara abantu muri bwa Bwamibw'Imyaka Igihumbi; ariko Yasezeranye kubikora inyuma yuko Impwemu ya Eliyaimaze kwongera kugarutse kw'isi.

37 Nimurabe aka kanya muri Malaki 4, turabona hano yuko ivyo bibwirizwa gukorwakugira ngo bigarukane (iki?) ukwizera kw'abantu kugaruke kuri ba data ba mbere,Inyigisho ya Pentekote, ba data ba mbere. Kandi azogarukana abantu kuri ba data.

Turabona yuko muri Luka 17, Yesu yavuze ko aho Aza muri iyi minsi y'iherezo,Luka 17:33, dusanga Yesu yavuze ati: "Nk'uko vyari biri mu minsi ya Loti,ni ko bizomera ku kuza kwa Wa Mwana w'Umuntu, igihe Uwo Mwana w'Umuntu azobaahishuwe."

Noneho nimurabe, Yaje mu mazina atatu y'umwana. Yaje mw'izina ry'Umwana waDawidi…nako, Umwana w'umuntu, Umwana w'Imana, Umwana wa Dawidi.

38 Rero, Yategerezwa kuza nk'Umwana w'Umuntu, kuko Yari Umuvugishwa. Yehova ubwiweyita abavugishwa, "mwana w'umuntu." Kandi Yesu ntiyigeze yiyita Umwana w'Imana.Buri gihe Yama Yivuga nk'Umwana w'umuntu. Kandi nimurabe, Yihishuye ico gihe nk'Umuvugishwa,Umushishozi. Yavuze ati: "Nintakora ibikorwa vya Data, aho rero ntimunyizere."Yarujuje ido n'iryo ryose ryari ryaravuzwe kuri We mu Vyanditswe, mbere no kurupfu rwiwe, ku guhambwa, ukuzuka kwiwe; ukubambwa kwiwe, ukuvuka kwiwe, vyose.Mu vyo Yakoze, Yarujuju ibiranga Umushishozi, Umwana w'umuntu.

39 Ubu na ho Yahishuwe mu bihe vy'ishengero, ubu rero murabe, mu bihe vy'ishengeronk'Umwana w'Imana. Imana kubera ari Impwemu, Mpwemu Yera, Yihishuye mu bihevy'ishengero, mw'ikoraniro, nka Mpwemu Yera mu bantu.

Mu Gihe c'Ishengero rya Lawodikiya, igihe ca nyuma c'ishengro, dusangaYirukanywe mw'ishengero. Nta handi Yari bwigere Atabwa hanze, mu gihe na kimwe,kiretse mu gihe ca Lawodikiya. "Kubera ko bavuga ngo: 'Turatunze ntaco dukenye.'Ariko ntubimenye ko ari wewe mutindi, umworo, ugenda amenya, impumyi, kandintavyo uzi." Yari yirukanywe mu gihe c'ishengero.

Hanyuma, twisunze Luka 17, Yavuze ati: "Nk'uko vyari biri mu minsi ya Sodomu,ni ko bizomera mu muzo wa Wa Mwana w'Umuntu." Aha, Yariko asoma rya Tanguriro nyenenatwe dusoma. Nimurabe i

Sodomu, ivyaberayo. Ni ibiki vyari muri Sodomu? Aburahamu…

40 Hama hariho imice itatu y'abantu. Hariho Aburahamu, uwatoranijwe kandiyahamagariwe gusohoka, yari hanze ya Sodomu mbere. Hariho Loti, umunywanyiw'ishengero, umunyedini, hiy'epfo; yabaye umwe n'iyo si, mu kuba umukuru w'icogisagara, yicaye kw'irembo; yari umucamanza, akaba yari umukuru w'igisagara. Hanyumahariho Sodomu na yo.

Ubu rero mu gihe c'akagoroba, canke umunsi ugeze hagati, igihe Aburahamu yari yicayemusi y'ibiti vyiwe vy'imiyowaki, Abamarayika batatu baramubonekera. Babiri muribo bamanuka i Sodomu, bigisha Ubutumwa Bwiza bagerageza kubahamagara ngo baveyo.Ntibari kuvyemera; bari barononekaye. Loti n'umugore wiwe gusa, n'abakobwa biwebabiri, batangura kuvayo. Umugore yahindutse inkingi y'umunyu.

41 Ariko Umwe Yasigara akavugana na Aburahamu, Aburahamu yamwise, "Elohim, Ishoboravyose." Itanguriro 1, "Imana! Mu ntango, Imana," Elohim, Uwihagije muri vyose, Uwibeshejeho.Aburahamu yamwise, "Elohim." Yaricaye asangira na Aburahamu; Yaranyweye; Yarimu mubiri w'umuntu. Hanyuma nimwitegereze ikimenyetso Yahaye Aburahamu.

Aha, bari barindiriye umwana yari agiye kuza, umwana w'isezerano, Isaka. Imyakamirongo ibiri n'tanu mu rugendo rurerure, bari baramurindiriye, ariko bari kumpera y'urugendo. Imana yari yagaragaye mu buryo bwinshi, nk'uko Yabikoze mubihe vy'ishengero, mu Mico n'ibindi, nk'uko Yavugana na Aburahamu, mu majwi.Ariko imbere yuko umwana yari agiye kuza ashika…Ivyo twarabivuzeko, kandi muraziko ndiko ndasubiramwo gusa, kugira ngo ibi ndabibashikirize. Aho, Yahinduyeumubiri wa Aburahamu na Sara, ako kanya nyuma y'ivyo, kugira ngo bashobore kuronkauwo mwana.

Nimurabe, ikimenyetso ca nyuma baronse imbere yuko uwo mwana ashika, yari Yehova avugana na bomw'ishusho y'umuntu. Kandi uko babimenye ko yari Yehova, ni kubera Yavuze ati:"Aburahamu," atari Aburamu. Iminsi mikeya imbere y'aho, Imana yariyarahinduye izina ryiwe. "Sara, umugore wawe ari he?" Atari S-a-r-a-y-i; arikoS-a-r-a, "umwamikazi."

Aburahamuna we ati: "Ari mw'ihema, inyuma yawe."

Na We aravuga Ati: "Jewe," iyo ni insigarirazina muvugwa, "Nzokugenderankurikije isezerano ryanje. Mu gihe c'ubuzima, iminsi mirongo ibiri n'umunaniiri imbere, hariho ikintu kizoshikira Sara."

Hanyuma Sara mw'ihema, amwenyurira imbere muri we, yongera yibwira mu mutimawiwe ati: "Ivyo vyoshoboka bite, ko nshaje; noba nkigirana umunezeron'umwami wanje Aburahamu, ko na we nyene ashaje?"

Hanyuma nya Mumarayika, nako, Uwo Mugabo avuga ati: "Kuki Sara avuze ivyomu mutima wiwe?" Mw'ihema inyuma yiwe! "Kuki avuze yuko ivyo bidashoboka?"Murabona? Umuntu mu mubiri w'umuntu, nk'umuvugishwa, yamara yari Elohim yarikoarasuzuma ivyiyumviro vy'umutima wa Sara, inyuma yiwe.

42 Yesu na We yavuze ati: "Nk'uko vyari biri mu minsi ya Loti, ni ko bizomeramu gihe c'umuhero w'isi, igihe Umwana w'umuntu," atari Umwana w'Imana,"igihe Umwana w'umuntu azohishurirwa"

Ivyo ntavyo bari bafise ukw'igihe cagiye gikurikirana. Mbega murabona iryobandanya ritunganye ry'Ivyanditswe? Ng'aha tubibamwo. Amabanga: ndetse n'umubatizomw'Izina ry'Umwami Yesu, kure y'ivyiyumvire vy'Abanyabumwe; n'ivyo bindi bintu,ukuntu Mpwemu Yera yabizanyemwo akavyerekana mu buryo butunganye; n'Umubatizo w'ukuriwa Mpwemu Yera, ca Kimenyetso, n'ibindi vyose, yarabishize aho; n'ukuntuyashize mu kibanza abagorozi bose n'ibindi vyose, neza na neza. Kandi murabona,imbere y'amaso yacu, si mw'ikorosi. Birazwi kw'isi yose. Yesu, Umwana w'Imana, Yihishuramu Vyanditswe, atuma ivyo Vyanditswe (vyagenewe iki gihe kuva kera, nk'uko vyari biri kuri kirya gihe, no ku bindi bihe vyose). Kandi kuvyizera, ikimenyamenya ca Mpwemu Yera.

43 Ukugororoka, ntushobora kuvuga ko "kuja kw'ishengero" gusa ari ikimenyamenyaca Mpwemu Yera. Nimba ar'uko, aho rero na ba Bafarisayo bari bamufise. Murabona?Ntushobora kuvuga "kujugumba canke gusimba" kw'ari…Nimba ar'uko, abapaganirero na bo nyene baramufise. Hamwe uvuze ngo "kuvuga mu ndimi," ni ikihe—niikihe gikorane c'abadayimoni kiburamwo ukuvuga mu ndimi? Mbwira kimwe.

MweneData Jackson yicaye hano kubwa Afrika, ava muri Afrika, ivyo yobibibwirira. Naragiyemu nkambi z'Abahindi hano, mbona abarozi n'abapfumu bikebagura, bagasesa ayabo maraso,bakavuga mu ndimi; ha—hanyuma umupfumu w'umuvuzi agaca abisobanura, nabonyebarambitse ikaramu hafise igaca yandika mu ndimi zitazwi. Rero ivyontivyerekana kw'ari We. Ariko nimba ari…

Ikimenyamenya c'ukuri ni ikihe? Yesu yavuzeati: "N'uko mwizera ko ndi We." Kandi We ni Jambo.

44 Kuki bataritahura? Kubera iki Abayuda bataritahuye? Bari abantu b'abagororotsi;bari abantu beza; bari abantu b'aberanda; kandi hariho abantu b'ubwoko bwose;ariko ku wari yatoranirijwe kuva kera kwumva Ijambo!

"None ni gute ushobora kumenya nimba ari Ijambo? Umwe wese avuga ibi."

Ni isezerano rya Bibiliya ryemezwa ry'ico gihe, n'ivyo, aho uba ugarutse aho MpwemuYera ari. Nimurabe ugusamirana kw'inzamba mu minota mikeya, ico Itangaza. Inzamba,Inzamba y'Ubutumwa Bwiza, nimurabe uwushobora kuyumva. Mwibuke, abari mubisagara vy'inzitiro ntibari bashoboye gusohoka muri yubile. Oya, mushingantahe.Baba bakikujwe n'inkuta; bagumayo. Vyaba vyararangiye; baba ari abaja ubuzimabwabo bwose, kandi bategerezwa gushirwako iharama. Ubu rero mu gihe tubona ububurorero bwose, mukurikire.

45 Rero ibi bikorwa, Malaki 4, n'ibi vyose, no mu Baheburayo 13: 8, "Yesu Kristo WaWundi nyene eho hahise, uyu munsi, n'ibihe vyose," Aguma ari Ijambo ibihevyose, Ijambo rigaragajwe. Ivyo ni vyo koko Yerekanye ku bavugishwa. Umuvugishwantibisobanura gusa "umushishozi canke uwuvuga ibintu bitaraba;"bisobanura "uwuhishura Ijambo ryanditse." Mu buzima bwiwe, ibikorwa vyiwe, arahishurakandi akemeza Ijambo ry'ico gihe; nka Nowa yubaka ubwato; Mose hiy'epfo; n'abandi;n'umuvugishwe wese: Ijambo ryasezeraniwe ico gihe.

46 Ubu turazi yuko Ari kumwe natwe. Ivyo turavyizeye. Urabona Ijambo ryiwe kandirigaragajwe, n'amafoto, n'Ivyanditswe, n'amajambo atangazwa mw'Ijuru, kw'isi, n'ibindivyose Yavuze. Nta gihe na kimwe vyigeze bihusha. Ndasavye umuntu wese anyereke,uwo mu bice bitandukanye vy'igihugu, canke kw'isi yose, u—usabwe kunyandikira umbwire,aho vyigeze kunanirwa n'igihe kimwe. Mu buryo butunganye, ijambo ku rindi, ubu,iryo ni isezerano.

47 Kubera iki Yategerezwa kugaragara muri iyi minsi y'iherezo? Mwebwemwumviriza amabande, hamwe musubiye inyuma kuri Ca Giti C'Umugeni, mugashika aho Kristo yari, ico Giti cari mw'itongorya Edeni. Adamu wa mbere yaraguye; hanyuma uyu Adamu wa kabiri yiciwe hasi n'icaha.Bamumanitse ku giti c'Abaroma, maze muri vyo havamwo…havamwo Igiti c'Umugeni Yasezeranye,ico tubona mu Vyanditswe ubu, kugira ngo tubone Umugeni.

Kimwe n'umusonge, ukuntu igihe cose igenda yaga, uhereye ahaba hagutse; kuva kuriLuther, Wesley, Abapentekote, hanyuma ibuye ry'agasongero riri hejuru yaworirasenye rwose, kandi rimwe ryose muri ayo mabuye afatanirijwe hamwe mu buryobutunganye. Kandi ntituramenya uko babikoze, ariko afatanirijwe hamwe mu buryobutunganye mur'uyo musonge! Aka kanya ntituriko twigisha ivy'imisonge, turikoturagira gusa…

Henoki na bamwe bandi ni bowubatse, hashize imyaka, kandi uhagaze aho bwa kimenyetso.Nka kumwe nyene izuba riseruka hanyuma rikarenga; ni ko n'igiti gikoraguraa—mababi yaco, hanyuma akongera kunaga; nk'amafi, n'inka, n'ibindi vyosebirabigereranya. Uwo musonge uhagaze aho bwa kimenyetso.

48 Muzokwinjire mu cumba c'umuvugishwa, maze murabe za ngazi ndwi. Ni hehe umu—umurinzi yagira ingorane mu kwinjiza uwaba aje mu nyonga w'umwami? Kugasongero k'izo ngazi; haba ari ku ngazi y'indwi. Ivyo vyerekana yukodutegerezwa kugaruka n'umwe Mpwemu nyene yari kuri Yohana; yerekanye Mesiya.Yari arengeye abandi bavugishwa bose; yaravyerekanye. Natwe dutegerezwa gushikaaho ubugira kandi, ku kinru kanaka kizokwerekana Mesiya.

49 None ni gute Mesiya azo…abantu bamwizera bazobimenya keretse bagumye mw'Ijambo,ubudagengeshanya, kugira ngo bamenye ico Ari! Daniyeli yavuze ati:"Abanyabwenge bazobimenya; ariko ibipfu, imburabwenge, ntibobimenye. BazomenyaImana yabo." Ubu rero, ubu rero, ukuntu Azogaragara mu minsi y'iherezo, ni kugarukanaabantu kw'Ijambo, ku buryo Umugeni azomenya Umugabo wiwe, amenye Uwo bareshanye,Ijambo rihishuwe. Ni yo mpamvu ibi bitegerezwa gushika.

Ntivyari ivy'abagorozi; ntivyabaye kuri Luther, Wesley, n'A—n'Abapentekote, nabo nyene. Ivyanditswe bivuga yuko bitari vyo.

Ariko bizoza. Iri ni ryo sezerano ryiwe kuri iki gihe. Tubaye mu gihe Ukuza kwiwekuzoberamwo. Umugeni ategerezwa kudondorerwa muri We. Umugore wese ategerezwa kudondoranwan'umugabo wiwe, kuko abo bompi ni umwe. Umugeni wa Kristo na we ategerezwakudondoranwa na We, kubera abo bompi ni Umwe; kandi na We ni Jambo, atari idini.Ijambo! Dutegerezwa kuba abana b'Umuco, kandi Umuco ni Ijambo ritanga Umuco kubw'ikigihe. Ni gute twomenya Umuco kiretse uzananye mw'Ijambo? Neza cane. Ijambo ryamabyeumubiri ni wo Muco w'igihe; iyo uwubonye, kandi Bibiliya yarabivuze.

50 Barya bantu bararaba Yesu ng'aho, bakavuga bati: "None, uyu Muntu ni nde? Erega,Yavutse Yari inda y'igitwarire hiy'epfo. Erega, se na nyina ari n'uyu, urya,n'uriya, hamwe n'ibi vyose bir'aho." Ariko ntibamumenye. Iyo baza kumenya Ivyanditswe,bari kuba baramumenye. Yarabivuze.

Bavugabati: "Turi abigishwa ba Mose!"

Na We ati: "Iyo mwari muzi Mose, naje mwari kumenya, kuko Mose yanditse ivyanje."No ng'aho bagumye ari impumyi rwose ku buryo batabibonye!

Murabona ukuntu bicisha bugufi? Kure y'imigwi yose, n'amadini, na za nemera, n'ibindivyose. Imana yaje mu mubiri, mw'ishusho y'Umuntu, Umucunguzi wo hafi.

Umugeni ategerezwa kudondoranwa na We. Dutumiririrwa kuba abana b'Umuco, ngotugendere mu Muco.

51 Ndibuka hiye epfo muri Kentucky, hano nta gihe kinini gishize, nakoreshejeyoigikorane. Hanze, maze gusohoka mu rusengero, aho hariho umutama yari ahahagaze,afise itara mu minwe. Yari uwo mw'ishengero ritemera ivy'ugukira indwara,n'ibindi. Aca ambwira: "Je—jewe ndanyuranye nawe, Mwene DataBranham."

Ndamwishuranti: "Emwe, ivyo urafise uburenganzira bwo kubikora."

Avuga ati: "Urabona, nta kintu na kimwe nzemera kiretse ndakibonye. Ntegerezwakucibonera, nkakibona neza mu buryo butomoye."

Ndamubaza nti: "None uramaze kubona Imana muburyo butomoye, ihagaze imbere yawe?" Kubera ntiyizera amayerekwa n'ibindi.

Nawe ati: "Oya."

Ndamubwira nti: "Erega burya nturi uwizera, mushingantahe. Sinoshobora kuvugananawe. Urabona? Urabona? Turabona ivyo Imana isezeranye hanyuma natwe ducatuvyumirako."

Ati: "Ivyo ubibona ute?" Navuze nti… Ambwira ati: "Ngwino, tunayemuhira tuvugane mw'iri joro."

Ndavuganti: "Ntibikunda; gusa nabishaka. Uba he?"

Avuga ati: "Urenzeurya musozi hano."

Ndamubazanti: "Uza gushikayo gute? Ntubona inzuyawe." Uh-huh. Uh-huh. Ego. Ego.

Avugaati: "Erega, hariho inzira ica kw'uyo umusozi."

Ndavuganti: "Gusa nya nzira ntayo uza kubona." Uh-huh.

Acaanyishura ati: "Erega ndafise itara."

Ndamubwira nti: "Iryo tara ntiriza kumurika ubwo nyene umuco ushika muhira.Ôo, oya. Ariko iyo nzira ni yo iza kugushikana muhira. Ariko iryo tara rizakumurikira intambwe imwe uza kuba uteye."

52 Tuzogendera mu Muco, wa Muco mwiza; dutera intambwe imwe, Mwami, tugendatumwegera. Egome. Bana b'Umuco, nimwemere Ijambo ryiwe, nimushishikare kugenda mazemubandanye kumubona Arushiriza kugaragara. Ntimuriveko, n'ubwo uwundi weseyovuga iki. Nimugumane na Ryo ubudatirigana hanyuma mukomeze kugendana na Ryo, muribonerigaragara kandi ryihishura. Ijambo ni Urubuto; urubuto mw'ivu ryiza ruzokwamank'uko ubwoko bwarwo buri.

53 Nimurabe mu Vyahishuriwe Yohana 10:1-7, amabanga yose ategerezwa guhishurirwaUmugeni, ahishuwe n'intwarabutumwa y'Ishengero rya Lawodikiya. Hari umuntu yobaafise Insobanuro ya Bibiliya Isubiwemwo? Nimba muyifise, muzobona ko ahavugwa"umumarayika," hagati mu tuzitizo havuga, "inkona." Murabona?Uh-huh. Uh-huh. Murabona? Intwarabutumwa kw'Ishengero rya Lawodikiya, murabona,Ivyahishuriwe Yohana 10:1-7.

Yavuze ko uyu… uwo munsi yamubonye Amanuka, maze arya ka gatabu gatoya.Hariho…"Ashira ikirenge kimwe i musozi, ikindi ku kiyaga, arahira Ibaho ibihebitazoshira, ati 'Igihe kigihari.'" Amaze kubikora, Imituragaro Ndwiyumvikanisha amajwi yayo. Imituragaro Ndwi imaze kwumvikanisha amajwi yayo,Yohana yavuze yuko yagira yandike. Aca Amubwira ati: "Ntuvyandike." Uh-huh. Murabona? Hanyuma aca abidomako ishashara.

54 Umuntu umwe yavuze ati: "None rero Amashashara Ndwi, mwene Data Branham, ivyobizohishurwa mu minsi y'iherezo, rizoba ari ibanga rihambaye rizotwereka ingenedukwiye kwegera Imana?" Oya, mushingantahe, ntibishobora kuba ivyo.

"Umuntu wese uzokurako Ijambo na rimwe muri iyi Bibiliya, canke akongerakoijambo na rimwe, umugabane wiwe uzoca ukurwa mu Gitabu c'Ubugingo." Ico biri,ni impishuro yabura hano inyuma izozanwa. Biza vyanditswe Hano. Birimwo Hano. Niuguhishura ibiza vyanditswe. Murabona? Kubera ko nta kintu na kimwe ushobora kwongeramwo,canke ngo ukureko Ijambo na rimwe muri Yo.

55 Igice ca mbere c'Ivyahi-… ca—ca Bibiliya, mu ntangro, Itanguriro. Umugore umwentiyaryizeye nabi, ariko yarisobanuye nabi, yaretse Satani arimusobanuriranabi, ijambo rimwe, "koko." Murabona? Kandi ivyo nyene ni vyo vyatejeingorane zose. Kandi iyo yari Imana ivuga, Ijambo ry'Imana.

Hanyuma mu gice ca nyuma c'Ibyahishuriwe Yohana, Yesu ubwiwe, ya Mana nyene, YavuzeAti: "Umuntu wese uzokurako Ijambo na rimwe, canke akongeramwo ijambo na rimwe."

Iyi ni impishuro inengesereye ya Yesu Kristo. Rero Amashashara Ndwi yari afiseamabanga anyegeje y'ivyo Yari vyose; rero ategerezwa kwugururwa mu gihec'iherezo, mu gihe ca Lawodikiya, mu gihe canyuma. Imana ishimwe! Ivyobirangiza Ubutumwa kw'Ishengero. Ivyo biraburangiza. Iyo basubije amaso inyumabakaraba ivyabaye, bakaraba aho vyose vyashitse, ivyo bica biburangiza, igihec'Ishengero.

56 Ubu rero nimurabe inzamba turiko turavugako, ni ugukoraniriza hamwe haba kubw'umunsimukuru, intambara, ku muntu, umunsi mweranda, canke ikindi nk'ico. Nimurabe.Uragira uti: "Ku muntu?" Ego. Canke kubw'umwaka wa yubile, gutangaza ukuza k'umwidegemvyo,hamwe bashobora gusubira inyuma; aha twoshobora gufata igitondo cose turi kuriico kintu kimwe gusa. Ariko ubu, reka twinjire mu nzamba. Ubu rero ko mufiseinsobanuro y'Amashashara Ndwi n'Ishengero, kano kanya tugiye kwinjira munzamba. Igihe inzamba yaba isamiranye, inzamba isobanura intambara, cankeumunsi mukuru. Canke, ico isobanura, ni "ugukoranira hamwe kw'abantu,"inzamba.

Paulo yavuze ati: "Iyo inzamba itanze ijwi ridatahuritse, ni bande bokwiteguriraintambara, canke amahoro, canke ikindi cose?" Ni nde abizi? Utegerezwakumenya ico inzamba ivugiye.

Kubw'ivyo, iyo inzamba ivuze, turabona ikintu mw'isi uyu munsi. Hariho ingoraneidasanzwe ahantu kanaka. Abantu bose barabizi. Abantu bose babaye abatayeumutwe. Isi yose ni isi y'abataye umutwe, kandi turazi yuko hariho ikitagendaneza. Pentagone, ahantu hose, turazi yuko hariho ikitagenda neza.

57 Ubu rero, uburyo bwonyene uzomenyamwo ico inzamba ivugiye, ni kuraba icoUrupapuro rwanditseko Amanote ruvuga. Nta bindi. Ni Umudiho uhambaye, murabona,umudiho.

Nka Peter na Wolf, murabona, igihe u…nimbai…Kandi u—umwanditse yanditse igitabu c'indirimbo, umurongozi w'indirimbo ategerezwakuba ari mu mpwemu imwe n'umwanditsi w'indirimbo. Bitabaye ivyo, atanga umudihoutari wo, hanyuma vyose bigaca bipfa.

Iyo ni yongorane y'uyu munsi. Dufise abarongozi benshi b'indirimbo mu…batari muri Mpwemuy'Umwanditsi w'Indirimbo. Bavuga bati: "Idini, twizera ibi."

Ivyo wovugavyose, Bibiliya ni ukuri. Nimuyivuze mukurikije Urupapuro Rwanditseko Amanotehano imbere yayo, noneho wa Mudiho uhambaye w'ibikorwa bihambaye vy'Imana uzocauvuga ubwo nyene, aho rero duca dushobora kubona igihe be n'aho duhagaze.

58 Ubu reronimurabe, inzamba ikoranya abantu, ikabakoraniriza hamwe kubw'ikintu kanaka. Har'igiheitangaza umuntu adasanzwe.

Nka kumwe kwo kuri Yosefu, baravuza inzamba,hanyuma Yosefu akabona guseruka; na vyo bikaba ari i—ikimenyetso ca ya "NzambaIhambaye" iyo turiko turavugako, iyo tugiye gushikira mu kanya muriYesaya. Hamwe havugwa ngo: "Iyo inzamba ihambaye yumvikanye, iyo iryo bendera ridugijwehejuru ku musozi; hanyuma hazogera igihe ya Nzamba Ihambaye izumvikana, kandiamahanga yose azokoranira i Yerusalemu." Aho ni igihe Ubwami bw'Imyaka Igihumbibuba butanguye; ya Nzamba Ihambaye.

59 Ubu rero,uku guhamagarwa ku munsi mukuru w'inzamba, ikintu kanaka cegereje. Nimurabe IvyahishuriweYohana 8:7, nimba mushaka kuvyandika. Turabona Inzamba ya Mbere, haciye habaurubura, amaraso, umuriro, kw'isi; bihura neza na neza no muri Kuvayo, igiheImana yariko ihamagarira ihanga ryayo gusohoka, muri kwa kuvayo.

Rero,impamvu izi Nzamba Ndwi zidakoreshwa kuri iri Shengero no mur'iki gihe, ni kuberako ari ku Bisirayeli gusa. Ni umuhamagaro wo gukorana kw'abantu. Rero hano harihoinsobanuro imwe hano nshaka gushikira, mu minota mikeya ni ho muza kubonaigituma ibi bidakoreshwa mur'iki gihe turimwo; za Nzamba Ndwi.

60 Ndazi yukoabantu benshi batemeranya n'ivyo, ariko ndazi ko ari ko biri. Ndabizi. Sikubera ndabivuga ngo namwe muce mubivuga; kubera ntivyavuye kuri jewe bwite. I—iciyumvirocanje si icanje. Nimba Icabimbwiye carihenze, aho rero ni ikinyoma. Ariko sindikondabivuga ndavyigeneye, ndiko mvuga nisunze ivyo Uwundi Muntu yavuze. Uwo WundiMuntu ni ya Mana yavugana natwe Igakora ivyo bintu vyose Yakoze, n'ivyagaragaye,murabona, rero ndabizi ko ari ukuri.

61 Ugukorana kw'Abisirayeli ni Inzamba. Inzamba ni izo gukoranya Abisirayeli. Nimurabe, kugusambirana kwa mbere kw'Inzamba; amaraso, umuriro, urubura, n'ibindi vyose, vyarakwiragiyekw'isi. Murabona? Yariko Ikora iki? Yariko Ikura Abisirayeli muri Egiputa yo murimpwemu, murabona, ngo bagaruke mu gihugu c'amamuko.

Kano kanyareka nce mvuga bino aha nyene, yuko Izamba yose yavuze, yavuze mu gihec'Ishashara rya Gatandatu. Turabishikira mu minota mikeya, aho tuboneye iryoShashara. Inzamba zose zumvikanye mu gihe c'Ishashara rya Gatandatu.

Kubera ko kw'Ishashara ry'Indwi, habaye agacerere. "Nta n'umwe yamenye umunota cankeisaha Kristo yoziriyeko," nk'uko Yabiduhishuriye.

62 Ariko Inzamba yose yumvikanye mu gihe c'Ishashara rya Gatandatu, mu gihe c'itotezwary'Abayuda. Ubu rero nimurabe, Ivyahishuriwe Yohana 8, hanyuma muhere ku murongowa 7. Vyose kwari guhamagarira Isirayeli isanzwe gusohoka muri Egiputa; ubu naho ni uguhamagarira Isirayeli gusohoka, mu buryo bwa mpwemu. Yariko Irabategurirakuza mu munsi mukuru w'Impongano.

Nimurabe, umunsi mukuru w'inzamba waba ubwa mbere, na yo ikaba yari pentekote.Umunsi mukuru w'impongano waca uwukurikira, inyuma y'iminsi mirongo itanu.Umunsi mukuru w'impongano, nimuwusome hano. Turaza kubikora kumbure nitwabadufise umwanya, turaza kuvyisunga twongere tubibasomere muri Bibiliya, hano muBalewi 12, aka Kanye, nako Abalewi 23 ahubwo, n'Abalewi 16. Turabona ko uwa mberewari umunsi mukuru w'i—w'inzamba. Hariho impongano n'i…munyuma hakurikirapentekote, rero turabona…Umunsi mukuru w'impongano wakurikira umunsi mukuru w'inzamba.

63 Noneho nimurabe, Inzamba yumvikanye, kandi ukwo kwaba ari kubakoraniriza hamwe.Rero, Inzamba ya mbere ivuze, haba urubura, amaraso, umuriro, bikwira kw'isi,nk'uko vyari bimeze muri Egiputa, vyitegurira kubahamagara ku Munsi w'Impongano.Murabona? Baranse Impongano y'ukuri. Kandi iyi myaka yakweguwe kugeza hano,yabaye umwaka wa pentekote. Murabona? Noneho ugusamirana gukurikira, ni kubw'Abayuda.

Ibi kwari uguhamagarira Ishengero gusohoka. Nimwihweze n'ubwitonzi ntangere.Noneho inyuma y'ibi, Ica Ibajana mu gihugu c'isezerano; aho Izokora ivyo nyene,mur'ivyo, mu kigereranyo, Ijana Ishengero mu gihugu c'isezerano.

154Mwibuke, Inzamba zose zumvikanye mu gihe c'Ishashara rya Gatandatu, aho ni ho zumvikanyehonyene.

64 Ubu rero nimurabe, neza na neza mw'ibandanya ry'Ivyanditswe, vya bindi nyeneneza na neza. Mu gihe c'Inzamba y'Indwi, ni kuri Isirayeli nk'uko Ishasharary'Indwi hari kw'Ishengero. Dusanga, mu gihe c'Ishashara ry'Indwi, yuko yamishaha yari musi y'igicaniro hariya, imwe yahabwa amvune…Bahawe amvune, atarikubera bazikoreye, kuko bari mu bugabuzi igihe Imana yari ikiriko irakorana n'Abanyamahangamu buntu. atari Abayuda. Isirayeli ikizwa nk'ihanga. Imana ikorana n'Abisirayelink'ihanga. Abanyamahanga ni "abantu kubw'izina ryayo," atari ihangaryizina ryayo. Isirayeli!

65 Igihe Hitler na bamwe bandi batoteza Abayuda, bagakora ivyo bakoze mw'icogihe; nimubarabe ba Stalin, Hitler, hamwe n'abo batware b'intwaro y'umukazobari bahagurutse. Iyaba twari dufise umwanya wo kubisubiramwo kubwa bashasha,ariko twarabivuzeko. Muri ico gihe nyene, aho mu Budagi no mu yandi mahangayose, Abayuda bari basabagiriye mur'ivyo bihugu vyose. Ariko mu myaka mirongoibiri ishize, harabayeho ugutotezwa gukabije ku Bayuda.

Naragiye hariya nya hantu ha kera aho baturirira imibiri yabo igatongoka, hanyumaigakoreshwa… bagaca bakoresha umunyota w'iyo mibiri mu gutabira isi, abanab'Abayuda, n'abagore, n'abandi bose. Ubu bariko bagerageza kubihakana; urashoborakubajana ukabereka neza na neza aho vyabereye.

Ryabaye itotezwa rikabije kuri Isirayeli, kuko cari igihe co kumuhamagara kuMpongano. Aracari musi y'impongano y'intama isanzwe. Umwagazi w'Intama w'ukuriw'Imana ni Wo Mpongano, yamara yarawanze, kandi ayo Maraso yaciye amuja kugatwe kuva ico gihe. Nimurabe, gutegura abantu! Mbega ukuntu noneho Inzambay'Indwi n'Ishashara ry'Indwi bihuza mu buryo butunganye, ugutotezwa kw'Abayuda.

66 Nimurabe, mu Vyahishuriwe Yohana igice ca 9 ku murongo wa 13, ubu rerodukurikirane neza, mu gihe c'Inzamba ya Gatandatu. Ivyahishuriwe Yohana 9:13, mugihe c'Inzamba ya Gatandatu, nimumenye bamwe bagendera ku mafarasi ibihumbi amajanaabiri bari babohewe ku ruzi rwa Efurate, barekuwe mu gihe c'Inzamba ya Gatandatu.Ubu nta bantu ibihumbi amajana abiri bagendera ku mafarasi bari kw'isi; ariko ahohari abagendera ku mafarasi ibihumbi amajana abiri. Nimubirabe. Nshaka ko muvyandika,kugira ngo muze kubisoma.

Niyari amafarasi asanzwe. Impwemu zayo wari umuriro, kandi yari afise ibikingiraibikiriza bikozwe muri yasipi, kandi—kandi yari afise imirizo. Ku mpera y'iyomirizo hasa n'inzoka, umutwe w'inzoka ku mpera y'umurizo, kandi yarakomora. Murabona?Yari amafarasi yo muri mpwemu, amashetani yo muri mpwemu, amafarasi y'intambarayari aboheye kuri Efurate mur'iyi myaka yose, amashetani y'indengakamere. Vyariibiki? Ubwami bw'ubwami bwa kera bw'Abaroma bwariko burongera kubaho; ugutotezwakw'Abayuda. Yari amaze imyaka igera ku bihumbi bibiri abohewe ku ruzi rwaEfurate, adashobora kurengana isezerano; akadumbidumbi k'ivy'ugusenga kageragezakujabuka hakurya. Efurate murabizi, rwaca muri Edeni. Ariko yari abohewe aho,amashetani ibihumbi amajana abiri y'uruhamo.

67 Rero nimurabe ibiba mu gihe c'iyo Nzamba ya Gatandatu. Yararekuriwe ku Bayuda; ugutotezwa kw'Abayuda.Amashetani y'indengakamere, imyaka igera ku bihumbi bibiri, hanyuma arekurwa naStalin, Hitler, ku Bayuda. Wovuga uti: "Gusa si Roma." Ni ya mpwemu nyene.Bakoze ibintu nyene nk'ivyo

bakoreye Abakristo, mu minsi ya Roma ya kera y'igipagani.Rero nimurabe Isirayeli isanzwe, hamwe n'Ishengero rya mpwemu, mu gihetubitandukanya hano. Yarekuriwe ku Bayuda.

Muribuka, mu gihe c'Ishashara rya Gatandatu, ukuntu umwe wese muri abo bamaratiri,ukurikije— ukurikije Ijambo ry'Imana, yahawe imvune. Bazihawe kubw'ubuntu,kubera ko bari bahumishijwe amaso kugira ngo ntibashobore kubona Ubutumwa Bwizabwabo, kugira ngo aba bantu bashobore guhamagarirwa gusohoka mu Banyamahanga kugirango bagire U—Umugeni. Bahawe imvune, Bibiliya iravuga hano, mu gihe c'iyoNzamba. Abayuda, barwanya rwose Kristo n'ibindi vyose; igituma babikoze, ni kuberako Bibiliya ivuga yuko bari bahumishijwe amaso. Kandi bari bahumishijwe amasokubwanyu. Kandi Imana igororotse irazi yuko bobwakiriye, ariko baribahumishijwe amaso kubwanyu. Ni Bibiliya ibivuga.

68 Hariho ubwo bwami bw'ubwami bw'Abaroma, buhambiriwe hariya (n'iki?) n'ububashabw'ubumwe bw'amashengero. Ubwo Roma, Roma y'igipagani yahindutse Roma y'igipapa,kandi yari ihambiriye aho mu migenzo yayo ya gikristo. Mbega gice c'ivy'Abakristo,n'imiziririzo yari ifise y'i Roma mu gushira hamwe ivyo vyose; gusenga abagore,hamwe n'ibintu mwen'ivyo, n'iminsi ya Noheli, n'ibiruhuko, n'iminsi mitagatifu,n'ibindi. Biboshwe n'uwo mugenzo bidashobora gucaruka, kuko binyuranye n'ingingongenderwako za gikristo. Ni ya mpwemu nyene y'ukutubaha Imana y'igipagani!Kandi iyo mpwemu yarakwiragiye mu mahanga y'isi, ukurikije ubuvugishwa bwaEzekiyeli n'abandi bose.

Yarekuriwe ku Bayuda ata na kimwe bari bazi kuri Mpwemu. Ng'iryo rya bangaryanyu ryari rinyegeje musi y'iryo Shashara. Murabona? Nimubirabe. Twarabivuzeko.Hanyuma ndabereka iyi Nzamba hano, iyi Nzamba yanyuma, ibiba. Bari aho. Izi Nzambazirekurirwa ku Bayuda, (mbega ntimubibona?) atari ku Banyamahanga.Abanyamahanga, igihe ayo Mashashara yugururwa, baba badomwako ikimenyetso;igihe carangiye; Ishengero rigaca rihamagarwa.

69 Muribuka rya yerekwa ry'ejo bundi? Mwibuke ya-…rimwe ryibanze? Ni bangahe baryibuka,kuw'Iyinga wahera? Ukuntu yar'aho neza na neza, hanyuma ararengana. Twarabibonyeneza naneza, twarabonye haza ca kintu c'umwanda gihumanye, citwa ishengero, ukwononekaragukabije. Hanyuma uwo Mugeni muto wo mu mahanga yose, umwe wese muri bo yari yambayeimpuzu y'igihugu akomokamwo, bagenda mu buryo butunganye imbere y'Umwami.

Nimurabe, hazabaho igihe, igihe kimwe, aho bazovuga bati: "Emwe, nahoranibaza yuko Ishengero ryategerezwa kugenda imbere y'uruhamo. Nahora nibaza yukohobayeho Izamurwa."

"Ryaramazekuba kandi ntavyo mwamenye."

Ivyoni vyo Yavuze kuri Yohana igihe kimwe, murabizi.

Bamubajije bati: "Ni gute, kuki abavugishwa bavuga ko… abanyabwengeb'Ivyanditswe bavuga ko Eliya akwiye kubanza kuza?"

Yababwiye ati: "Yaramaze kuza." N'abigishwa ntibabimenye. "Bamukoreye ivyobigombeye."

Kuzamurwa bizogenda ukwo nyene. Mwi—mw'isaha…Yasezeranyekubikora. Ntiyasezeranye kwereka Eliya gurtyo, ariko Yasezeranye gutwaraUmugeni gurtyo. "Mw'isaha mutazoba muvyiteze," guhindurwa gusa mu kanya gato nk'akogukubita urugohe, Umugeni azoba azamuwe. Aho muzoba mwasigaye, ni ho rero h'icogihe!

70 Imyaka ibihumbi bibiri, iyi mpwemu mu bantu b'Abaroma, ishengero ry'i Roma, ntiryaririshoboye kunyiganga. Ariko iyo mpwemu nyene yaraduze ubwa mbere, haone hepfomuri Mussolini i Roma, umutware w'intwaro y'umukazo. Murazi za ntuze zitanu…

Vya bintu ndwi yanyereka, muri 33, vyoshitse. Bitanu muri vyo vyaramaze gushika.Dogiteri Lee Vayle ariko arandika igitabu cavyo ubu. Murabona? Ibintu bitanu,neza, n'ibindi bibiri gusa bisigaje gushika. Yavuze ati: "Vyoshitse imbere gatoy'Ukuza." Hano turi kw'iherezo ubu nyene, kandi bisa nk'aho ica gatandatu kirikokiregereza. Murabona? Mu buryo butunganye, neza na neza, ndetse n'intambara n'ukuntuvyogenze, neza na neza ku kadomo, kandi nta gihe na kimwe vyahushije.

Nimwumve bagenzi, dukwiye kwisuzuma buri saha. Ntituzi aho tugeze. Turi haficane!

71 Rero, yarekuwe mu gihe c'Ishashara rya Gatandatu, ayo mashetani ibihumbi amajanaabiri ya mpwemu, atangurira i Roma, mu Budagi, Hitler. Kandi nimurabe muriBibiliya, aho baherewe, nta na rimwe… Bahawe ububasha nk'abami, arikontibambitswe ikamba. Umutware w'intwaro y'umukazo si umwami yambitswe ikamba;aronka ububasha nk'umwami.

Ôo, murazi, Mpwemu w'Imana ariko arangendagendamwo kano kanya, kugira ngo mvugeikintu kimwe. Sinzi ingene nokivuga, canke ico novuga, kumbure vyoba vyizantakivuze.

72 Nimurabe, ibihumbi amajana abi…amashetani ibihumbi amajana yahindukiyearekurirwa kur'abo Bayuda, igihe babaturira, bakababamba. Barabatera gaze mumitsi. Barabishe, gushik'aho na gaze yo kubicisha

ihera. Barabarashe, gushik'ahoamasase yo kubarasisha ahera. Ba—barakoze ivyo bari bashoboye vyose. Baraturiyeimibiri yabo, n'ibindi vyose; babamanika ku nzitiro, abana n'abandi bose,inzirakarengane. Kubera ko bari Abayuda, ni co gituma bakorewe ivyo. ArikoImana yavuze ko izoha imvune umwe wese muri bo, n'aho batari bayibereye; arikoubuntu bwayo mu kubahuma amaso kugira ngo twebwe dushobore kubona.

Ishashara ry'Indwi ntirirugururwa, murabizi. Ukwo ni Ukuza kwiwe.

73 Mu gihe rero bakiri aho musi, ariko Aratwereka hano, mw'iterekwa ry'ibanze. NkaYohana, Yaramuduganye.

Igihe kimwe, agendagenda ku kiyaga, murabizi; yabajije ati: "Bimeze gute ivy'uwoakuryamye mu gikiriza?"

Arababaza ati: "Bibatwaye iki aramutse abayeho gushika ngarutse?" Murabona, ntiyagumyeariho, ariko Yaramuduganye amwereka ivyo, ibintu bizoshika kugeza Agarutse. Yarabimweretsegusa, Yereka Yohana integuro yose mu buryo bw'ibanze.

74 Nimurabe, dusanga noneho ko ubwo bushobozi busanzwe ku gihugu gisanzwe, Isirayeli,yarekuriwe aho. Kandi vyakoze iki? Vyaragiye biteza intambara, n'ukuntu vyishe hamwen'ugutoteza.

Ubuna ho mu gisata c'ivy'ugusenga! Ndi…muri…

Nizere ko Imana ibugurura amaso kuri ibi aka kanya. Kubera, ndazi ko ibi atari kubwiran'iri shengero rya hano gusa. Iyi bande irashika kw'isi yose. Kandi sinshakakubabaza umuntu n'umwe, ariko ni kugira ngo ndababwire Ukuri gusa.

Rero igisata c'ivy'ugusenga cuguruweuhereye ku muvyuro usanzwe wa Roma y'igipagani ya kera, ica irarukira ku Bayuda,abo bakaba bahoze ari abansi babo. Ya ntare y'imikaka n'ibindi vyose, yarajanjangaigatabagura abantu. Roma, igihe cose yahoze ari umwansi w'Imana! Kandi yarekuwemuri ya mpwemu nyene n'abatwari b'intwaro z'umukazo b'isi, kubera umukorerew'ivy'ugusenga wari ukibizibiye. Ubu vyarekuwe.

75 Yakoze iki? Mu "mayeri," nk'uko Yabivuze, yinjiye nk'ibinezereza. Hanyumayakoze iki? Ariko azanye Inama y'Ubumwe bw'Amashengero y'Abaporoti y'Isiy'Amashengero, impwemu ya anti-Kristo kuri bompi, abazana mu macuniro, nk'uko babikoreyeumwe wundi, mu gihe co guhamagara Umugeni. Gute? Yarekuriye mw'ishengeroimpwemu y'ivy'ugusenga. Yarekuriwe kuri bande? Atari ku madini; ku Mugeni!Ariko hano ni ho mubibonera, ico gihe Umugeni ntazogicamwo. Bibiliya ivuga ko atazogicamwo.Ishengero rizobicamwo, ariko atari Umugeni. Ntimushobora kubibona? Bakozib'Imana, mbega ivyo ntimushobora kubibona, ga Bene Data?

Wovuga uti: "Ishengero ritegerezwa mu ruhamo, kugira—kugira ngo ritunganywe."Amaraso ya Yesu Kristo ni yo atunganya Umugeni.

Umugabo ahisemwo umugore ntamushira mu murundo w'ibihano; aba yamaze kuronkaubuntu, hamwe na we; na we aba yaronse ubuntu hamwe n'uwo mugabo. Aca—aca amusezeranya.Hagize ikintu na kimwe kiba, azomurinda ahantu hose mu vyomushikira. Ubuntu bwayoni bwinshi kuri bo.

76 Kandi uko ni bizomera no ku Mugeni, ni ko bimeze ku Mugeni. Twebwe ivyaremwe bitabereye,twari tubereye gehinomu, ariko ubuntu bwayo ni bwo buyiturenganyamwo. Nimurabeukuntu abazimiye n'impumyi bangana! Ni bangahe, abanyavyaha bangahe kw'isi, ya sahanakirizwako! Imana yankijije kubw'intego; kandi ndamaramaje kubw'ubugombe bwayo,gushitsa iyo ntego. Sinitayeho uko ibindi vyose vyogenda; nshaka kubikora.

Kandi iki gihe iyo ndavye amashengero yose, ubwiza bwabo bukomeye,"abakire, kandi ataco bakeneye", ni ko bavuga; hanyuma ubaravye, niabagorwa, abatindi, impumyi; hanyuma ngaca ndagukuyakuya ku bitugu, ushaka kugiraniraimyumvikano na bo. Navutse kubw'intego kanaka, ni gucirakw'iteka ico kintu noguhamagarira abantu gusohoka. Ico ni co ndiko ndakora.

Mwibuke, igihe Yesu yaza kw'isi, nta n'ijana ry'abantu kw'isi banamenye ko Yarihano. Yaje kurondera uwo mugwi w'abatoranijwe. Yavuze ati: "Nta wushobora kuzakuri Jewe Data atamukweze. Kandi Data yampaye bose," mu mwanya wa kahise, "bazozakuri Jewe. Bazobimenya. Bazovyumva."

77 Nimurabe ukurekurwa kw'iyi mpwemu y'ivy'ugusenga. Noneho inyuma y'imyaka mirongoibiri, inyuma y'iyo ntambara, turabona irekurwa ry'impwemu y'ivy'ugusenga. Ryari?Ishashara ry'Indwi; Inzamba y'Indwi ku Bayuda.

Nimurabe bwa bwirakabiri. Ryari? Nimubirabe biracafye, Umwana w'umuntu yarirukanywemw'ishengero.

Ni iki? Kwifatanya n'umugwi w'ikidini. Urunani mpuzamadini, hamwe n'Inama y'Isiy'Amashengero,

vyashikanye abantu bose…Ico kintu gisobanura iki? Emwe, mutegerezwaguhagarika inyigisho zanyu zose z'ivugabutumwa n'ibindi. "Ni gute babiri bojanabataraganye?" Ntibishoboka. Yesu yavuze ko bidashoboka. Ni gute ishengero,Abametodiste n'Ababatiste bojana? Ni gute Ishengero rya Kristo ryojanan'Abaperesipiteriyano? Ni gute Abakatolika bojana n'Abaporoti? Ni gute Abaporotibojana n'Abaporoti?

Ariko Umugeni ashobora kujana n'Ijambo, ari ryo Kristo. Bitegerezwa kuba mumwumvikano. Atari umukorere w'ikidini; ariko Ijambo. Utegerezwa kwemeranyan'Ijambo, kugira ngo ugendane na Ryo. Ni Yesu yabivuze. Ivyo bituma biba ukuri.

78 Nimurabe, we ar'aho. Ubu yararekuwe, kugira ngo abwire utwo tuntu twose duto, ati:"Ôo, erega, ntaco bihindura, uko biri kwose."

Ivyo ni vyo Satani yabwiye Eva, ngo: "Nta co bihindura na gatoya. Ntangorane. Mu vy'ukuri, Imana ni Imana nziza. Iradukunda twese." Ntavyo Ikora.

Murumva kenshi cane ku ku bijanye n'uko Imana nziza. Ni Imana nziza, ariko mukuba nziza, Itegerezwa kuba Iy'ubutungane. Nta kuba nziza ata butungane. Nta butunganebutagira amategeko, butagira igihano, igihano. Rero turi mur'iyo saha, aho ni ho tubaye.

79 Nimurabe twihuta, aya mashetani y'indengakamere. Mu nama ya ONU, imigwi yunzeubumwe ihurira hamwe, Ubuseruko n'Uburengero.

Nka kumwe kwa kwa kuguru kw'i buryo n'ukw'i bumoso vya ca gishushanyo Daniyeliyabonye, ukuntu bitokwemeye ngo bivangane. Kandi ijambo Eisenhower,muri kiriya gihe…Eisenhowerrisobanura "icuma." Khrushchev risobanura "ibumba." Yambuye ikirato ciwe agikubita [Mwene Data Branham akubise kugicaniro—Umw.] ku meza…igihe Umuryango w'ibihugu, canke O… muri ONU. Khrushchevyakoze, umukungugu w'i…Ôo, bagenzi! Mbega igihe tubayemwo! Ishengero n'ukorimeze!

Ariko, Imana ishimwe, Umugeni muto yiteguye. Ntibigitebaganye. Bandanyamushikamye. Sinzi igihe, sinzi igihe; ivyo nta n'umwe abizi. Ariko turazi yuko ububiri hafi cane.

80 Nimurabe ekeleziya. Nimurabe ivyo, mu buryo busanzwe ico vyabakoreye Abayuda.Abo bari abantu bari bumiye ku vyagezwe vy'Imana. Naho ari amashengero anganagute yahagurutse, vyandagutakiye, bari bahumye amaso kuri Kristo, bumiye kuvyagezwe. Kandi Imana yarabahaye imvune umwe wese muri bo, kuko bamanutse ariabamaratiri. Murabona? Ni—ni…Bahumishijwe kubwacu.

Hano naho, Ishengero, ata kindi rizi atari Bibiliya. Hatitawe umukorerew'ivy'ugusenga, amadini, nta na kimwe babiziko. Ntavyo bazi. Bazi We, kandi Wewenyene.

81 Abantu uyu munsi bameze nka Petero na bamwe bari hejuru kuri wa Musozi woGukayangana. Bose barashishimuwe no kubona hakoretse ikintu c'indengakamere,umwe muri bo avuga ati: "Turagira ishengero rimwe ry'a—ry'abavugishwa,n'irindi rya Mose."

Kandi uko nikw' abantu, Abapentekote bakoze. Bavuze bati: "Tugire rimwe, Ikoraniro ry'Imana;hamwe n'irindi, ishengero ry'Imana; n'irindi, Ab'Ubumwe; n'irindi, Ab'Ububiri,"n'ibindi nk'ivyo.

Ariko akirikoaravuga, Yehova aca arasemerera ati: "Uyu ni We Mwana wanje nkunda," naWe akaba ari Ijambo, "nimumwumve!" Murabona? Ni Ijambo.

82 Mw'iki gihe turimwoimpwemu z'amadini ziriko zirakoranira hamwe ubu, kandi ivyo bica biyazana yose muririya cuniro rihambaye, kugira ngo aherengetere. Biza bimaze kuba vyanditse hano,muri iki gihugu ubu, yuko ayo mashengero ategerezwa kwugarwa kiretse uri kumwe n'iryodini. Ukwo kunywana, uwo mukwabu, neza na neza co kimwe na ca kimenyetso ca cagikoko.

Noneho ubu murabona ico ari co ico gikoko, si vyo? Ni ububasha. Ni ububasha, ububasha bw'ikidini, Yesu yavuze ati:"Vyobaye vyegereye cane gusa n'ikintu c'ukuri, vyozimije n'Abatoranijweiyaba vyari bishoboka." Ariko Yasezeranye kugira ikintu kanaka hano uyu munsikubwacu, ku buryo tutozimijwe, kandi iryo ni Ijambo, hamwe na Kristo kugira ngoaritugaragarize. Ni amashetani y'indengakamere atagaragara ku jisho, arikourashobora kubona ivyo akora. Murabona?

83 Nimurabe, mu gihe uwo mugwi uba uriko uregereza, bitegurira kujanjanga ibintu vyosebitemeranya na bo, hariho uwundi mugwi witeguye, mu nyuma, mu Vyahishuriwe Yohana19. Incuro ikurikira aho dusubira kwumva Ishengero, riba rije, na none, atari nezana neza ku mafarasi neza, ariko Bibiliya ivuga ngo: "Yari kw'ifarasi yera,kandi ingabo zo mw'Ijuru ziramukurikira ziri ku mafarasi yera." Mbega ukwoni ukuri?

Mu gihe uyu mugwi wa hano hepfo ufise ibihumbi amajana abiri ku ruzi rwaEfurata, kandi bakaba bamaze imyaka ibihumbi bibiri baboshe, hariho n'iryoShengero rimatanye na Mpwemu Yera kumara imyaka igera ku bihumbi bibiri, ahomw'ico gihe bapfuye ari abamaratiri, no mu gihe c'ishengero. Yarahambiriye,atari ku ruzi rwa Efurata, ahubwo ni ku muryango wa za nemera n'imitegekere, kuburyo

Mpwemu Yera adashobora gukorera mw'iryo shengero kubera imikorere yakozwen'abantu. Ariko iryo Shengero rigiye kubohorwa, rigiye kugaruka, ni vyoBibiliya ivuga. Kandi abo babiri bagiye kwongera guhurira ku rugamba, Lusiferina Mikayeli, nka kumwe kwo mu ntango. Bahambiriwe imyaka ibihumbi bibiri, hafiimyaka ibihumbi bibiri.

84 Si ibihumbi bibiri neza na neza, kubera Abaroma barabandanije, Titus mu mwaka 96 Inyuma ya Kristo, yarabandanije aryo, yica Abayuda. Abaroma! Ni nde yishe Abayuda?Titus yari ndi? Intwazangabo y'Abaroma. Amaraso yatemba azanana musiy'imiryango, kugeza…yewe, yarabishe, abagore, abana, n'abandi bose. Mbega Ezekiyeli9 ntiyari yavuze yuko ivyo bari kubikora? "Genda unyuragire mu gisagara, udomekw'ikimenyetsoabantu baniha kandi baboroga," Mpwemu—Mpwemu Yera. Hanyuma abasigaye, "abatikizabaciye baza," bari barahambiriwe; baraguma aho, baraguma aho, gushika bajebakica abari bariyo bose. Inkumi, abagore, abana, inzoya, n'abandi bose, bose baratikijwe.Ni ukuri.

Ng'ibi hano biragarutse, birikobirisubiramwo. Kandi ehe ng'uyo wa mukorere w'amadini urongeye kugaruka bukwina bukwi, wiyama wongera ukandagira ikintu cose citwa Imana. Ôo, barafiseimikorere yabo, n'amashirahamwe, n'amadini, ariko ivyo ntaho bihuriye naBibiliya. Bazoca bakubwira bitarambiranye yuko batanayemera. Egomemushingantahe. "Vuga ico ishengero rivuga."

85 Ni ivyoImana ivuga! Iryo ni Jambo. Umugeni ari kumwe n'aya Majambo; ni Umwe. Ni gutebashobora kuba Umwe? Iyo iri Jambo ryanditswe Hano rikujemwo, aho rero bituma—bitumawewe n'Ijambo muba Umwe. Ni vyo rwose Yasezeranye.

Rero,Ririsobanura. Imana nta musobanuzi n'umwe ikeneye. Bo bavuga bati: "Erega, twebwe turisobanura gurtya."Nta burenganzira ufise bwo gusobanura ikintu na kimwe. Imana ni Yo yitangira insobanuroyayo. Imana yavuze iti: "Umuco nubeho," hanyuma umuco ubaho. Ivyo ni nde aribubisobanure? Yavuze Iti: "Isugi izosama inda," kandi yarasamye. Ivyo ntamusobanuzi n'umwe bikeneye; biramaze gusobanurwa. Imana yavuze yuko ibi bintu vyobayehomuri iki gihe, none ng'ibi. Nta musobanuzi bikeneye. Birisobanura ubwavyo. Ôo, bagenzi!

86 Ivyahishuriwe Yohana 9:1, mu gihe c'Inzamba ya Gatanu, umwami wabo…Nimurabe, IvyahishuriweYohana 9:1 aka kanya, umwami w'uyu mugwi munini w'amafarasi ibihumbi amajanaabiri. Bari bafise umwami yabaganza, kandi twihweje neza, yari ya nyenyeriyaguye. "Kuki wakorowe mw'ijuru, ga Lusiferi?" Ôo, ukuntu Dogiteri Smith vyoseyabivangatiranije, ariko, nta kibazo, murabona, ntivyari ivy'igihe ciwe. Murabona?Neza cane. "Yari kuzima; umwami wabo yari umwami w'i kuzima."

Ivyahishuriwe Yohana 17:8. Nanditse ikintu kimwe hano. Ngiye kugisoma gusa. Murabonahano, Ivyahishuriwe Yohana 17:8. Ndashaka kubona ico hano havuga, kubera sinziingene ndandukira ibi bikurikira, 17:8.

Igikoko ubonye cariho kandi ntikikiriho, kandi kigirakiduge kive i kuzimu, kije kuranduka. Kandi ababa kw'isi batanditswe amazinayabo mu gitabu c'Ubugingo, uhereye ku kuremwa kw'isi, bazotangara babonye icogikoko, yuko cariho kandi kitakiriho, kandi kizoboneka.

Murabona, "cariho," umupāpa umwe arapfa, hakaza uwundi. "Igikoko cariho, kitakiriho,kiriho; kitariho, kiriho." Ntibihindura urukurikirane rwavyo; ni pāpa, ico gihenyene, nta bindi. Vyose bitegerezwa kwinjira mw'uyo mukorere nyene.

87 Hanyuma bizogarukira he? "I kuzimu." Kandi Bibiliya yavuze hano, ngo: "Umurongoziw'abo bantu yakomoka i kuzimu, kandi uwo yari umwami wabo," kandi yicayeyambaye ikamba ry'inyabutatu, ariko yifatanya n'Abaporoti.

Narumvise umupatiri w'Umuluteriyano avuga, ejo bundi, yavuze…nakoumuvugabutumwa w'Umuluteriyan, ngo: "Erega abantu barambaza impamvu nambara aga—agakorok'abapatiri. Ni gute bashobora kuntandukanya na…" Ni ho wari uri? [Uwo MweneData avuze ati: "Egome."—Umw.] Ego. Mbega ivyo ntivyari bitwengeje? Nu—numvise ndihafi kudahwa, naciye mva ku ruhimbi. Bavze bati: "Kubera, ntibaharihakwiye kuba itandukaniro na rimwe."

Hmwe Luther, Martin Luther, ivyo avyumvise, yoca yisubirira mu mva yiwe,akavuga ati: "Mwa ndyarya mwe, ntimuri abo mu mugwi wanje." Uh-huh. Murabona?

Arikomurazi aho bigeze? "Nta tandukaniro rihari."

88 Itandukaniro rirahari. Mbere n'abantu ubwabo baratandukanye. Imana yavuze iti:"Ntandukaniriza Paulo na Barunaba," ni vyo, "kubw'igikorwa."Tandukanya! Imana iratandukanya, ntivanga. Uwuta-…Uyu munsi ishengero rishakauwuzi kuvanga ibintu neza, ashobora kubemerera bakambara impuzu zo kwogeramwo, amabutura,n'ibindi vyose, hanyuma bagasohoka bakagenda bameze ukwo. Ariko Imana yavuzeiti: "Ntandukaniriza!" Nimwitandukanye n'isi!

89 Mu Vyahishuriwe Yohana, dusanga hano ko, "umwami wabo yava i kuzimu,"kandi ni wa wundi "yagiye

kuranduka," aza agenda, aza agenda,akagenda.

Nimurabe mu Balewi, igice ca 23, ukuntu insobanuro igenda itunganye neza hamwe n'urutondehamwe be n'Ijambo, hamwe n'ivyo turiko ruragerageza gutanga aka kanya. Ubu reroibi nimuvyihweze, uru rutonde. Noneho turabibona. Reka tuzingurure maze ivyotubisome mu kanya gato. Mu Musigu-…si mu Musiguzi, ahubwo ni mu Balewi. Abalewi23, noneho murabe hano, Abalewi igice ca 23 aka kanya. Kandi ibi ntidushakakubihusha na gatoya, aka kanya, rero turashobora kubibona neza nk'uko Umwami yabitwandikiyehano. Mu vy'ukuri sinshika aho ntora mu Balewi mu Kuvayo, siko? Neza cane, mu Balewirero. "Maze Uhoraho…" 23.

Uhoraho abarira Mose ati Barira Abisirayeli uti Mukwezi kw'indwi, umunsi wakwo wa mbere uze ubabere umunsi wo kuruhuka bihebuje,ubabere uwo kubibutsa, muwutangaze mu kuvuza inzamba, ube uwo gukorana kwera. Murabona?

Muzokore…nihaze hagire igikorwa kiruhishamuwukorako…ikimazi gitongorwa n'umuriro.

…kandi muze muwunshikanireko ikimazi gitongorwa n'umuriro.

Ubu rero murabe. Kano kanya mwihweze.

Kandi Uhoraho abari…Mose ati' Umunsi ugira icumiw'ukwo kwezi nyene kw'indwi ni wo munsi w'impongano…

90 Murabona, impongano yakurikiye…Ubu rero mwihweze. Impongano yakurikiye ugusamiranakw'inzamba. Murabona? Mbega ukuntu ari vyiza! Murabona? Umunsi w'imponganowakurikiye inzamba.

None rero—none rero, iminsi mirongo itanu y'inzamba, kuri twebwe, bigereranyaigihe inzamba yavuga kuri pentekote, ikaba yari iminsi mirongo itanu. Rero—rero—rero,inyuma y'ibi, Ivyo Abayuda baciye babitera akagere.

Ubu rero izo Nzamba ni izo kubahamagarira kugaruka kuri iyo Mpongano, murabona,iyo Mpongano bateye akagere. Baravyanse kugira ngo amaso yacu ahumuke; ayaboyari yahumishijwe. Mur'ico gihe, Amashashara yaruguruwe, n'I—n'I—n'—Inzambaziravuga. None ubu, mu kuvuga kw'Inzamba, imbere gato yuko Mesiya aza, kubera kobategerezwa kuba bari muri Palestina. Kandi mwibuke yuko Imana yategerezwa gukomantazaumutima wa Farawo, kugira ngo abirukane muri Egiputa; na none YarakomantajeStalin, Mussolini, n'abo bandi bose, kugira ngo babasubize mu gihugu c'isezerano,aho bamwe ibihumbi ijana na mirongo ine na bine bategerezwa kuba bari.

Ubu rero, ku ncuro ya mbere mu myaka ibihumbi, imyaka ibihumbi bibiri n'amajanaatanu, Isirayeli ari igihugu gifie ibendera ryaco, ingabo zaco, n'ibindi vyose,kandi kirazwi muri—muri ONU. Ni ubwa mbere biba. Rya bendera rya kera caneryigeze guhungabanira kw'isi, muriki gihe ryongeye guhungabana, zimwezitanu…hamwe na ya nyenyeri y'amasonga atandatu ya Dawidi. Yavuze ko Yodugije iryobendera mu minsi y'iherezo, igihe Isirayeli yobaye yagarutse. Turi kw'iherezo.Nta mazinda kuri ivyo. Turi hano.

91 Nimurabe rero mu gihe twihuta, IvyahishuriweYohana 9, mu gihe c'inzamba y'indwi, "umwami wabo ava i kuzimu."

Noneho mu Balewi, none, mbega ukuntu inssobanuro itunganye hano hamwe n'Ijambo!Kubera ko, murabona, ubwo nyene haca hakurikira, yubile ya pentekote yakurikiyeumunsi w'impongano; urutonde rw'igihe c'umunsi mukuru. Hagati y'umunsi mukuruwa pentekote n'uw'impongano, ijwi ry'inzamba y'impongano, wari umunsi mukuru wapentekote, uwo mwanya muremure w'igihe. Nimurabe, hano hariho umwanya muremurehagati y'umunsi mukuru wa pentekote, kugeza ku guhamagara kw'i—kw'inzam… ijwiry'inzamba, kugira ngo inzamba zivuge; umwanya muremure w'igihe. Mvugishijeukuri, yari iminsi mirongo itanu uhereye ku—uhereye ku munsi mukuru wa pentekotekugeza ku munsi mukuru w'impongano, yari iminsi mirongo itanu. Noneho, iminsimirongo itanu ni amasabato indwi.

92 Kandi amasabato indwi ni vya bihe ndwi vy'ishengero, Ibihe vy'Ishengero. Murabitahura?Murabona? Murabona? Rero, Abayuda barahumishijwe amaso, barindiriye iki gihe cose,igihe Imishuzo ya pentekote yasukwa kw'ishengero. Twarabivuze uhereye mu bihe vy'abamaritiri,no mu bihe vy'abagorozi, hanyuma ubu mu gihe co guhamagarirwa gusohoka; ibicebitatu, umwe Mpwemu nyene; nka Data, Mwana, na Mpwemu Yera, Wa Wundi nyene Umwe.Murabona? Ariko, Ibihe Ndwi vy'Ishengero, ni vyo ayo masabato ndwi.

Neza na neza amasabato ndwi uhereye ku—uhereye ku nzamba ya yubile yapentekote…umunsi mukuru wa yubile ya pentekote, kugeza…Kuzunguza imikama,hanyuma yubile ya pentekote. Hanyuma kuva kuri yubile kugeza ku mpongano niamasabato ndwi, iminsi mirongo itanu, kandi iyo minsi mirongo itanu irangiye nii—impongano itangwa. Murabitahura? Rero, kandi ubu ibi vyabaye ikigereranyo, yukoiri Shengero…

93 Igihe Yihishura nk'Umwana w'Imana, YarihishuriyeIshengero mu mubatizo wa Mpwemu Yera, uko ibihe

vyagiye bikurikirana, mu—mugihe ca pentekote, murabona. Babandanije baronka ibirushirije, ibirushirije; ugutsindanishirizwamu gihe ca Luther, ukwezwa mu gihe ca Wesley, umubatizo wa Mpwemu Yera.

94 Ubu rero ng'iki igihe co guhamagarirwagusohoka. Kw'Ishashara rya Gatandatu, igihe ryu—igihe ryugururwa, ugutotezwa kwaciyegutangura ku Bayuda, mu buryo busanzwe; none hano haza uguhamwa kw'ishengero,mu buryo bw'abanyedini; kubera ko, Umugeni aza yamaze guhamagarwa. Amasabatoyarangiye, Abayuda biteguriye guhamagarwa. Bahamagarirwa kuja hehe? Ku munsimukuru w'Impongano. Ôo shengero, mbega ivyo ntimubibona? Bahamagarirwa kuja kumunsi mukuru w'Impongano, (iki?) kumenya iyo Mpongano; ntibikiri inkokon'imbata, hamwe n'ivyo bahozemwo. "Wa Mwagazi w'Intama w'Imana wakerewe uhereyeku kuremwa kw'isi," Ivyo Isirayeli izobimenya.

95 Nimurabe hano kino kintu gikomeye. Murabe! Ôo, bagenzi! Mpwemu Yera yaranyoshwen'amadini, iyi myaka ibihumbi bibiri yose. Turabibona ko Yanyoshwe. Noneho nimurabeaya masabato, amasabato ndwi, ntivyobashobokeye mw'uyo mwanya wose. Bibiliyaivuga iti: "Hazobaho umunsi utazoba ari ijoro canke umurango."

Yesu yavuze ati: "Kandi Ivyanditswe vyose bitegerezwa gushitswa." Mbegaukwo ni ukuri? Vuge, "Amen." [Ikoraniro rivuze riti: "Amen."—Umw.]

Umuvugishwa yavuze ati: "Hazobaho umunsi udashobora kwitwa umurango cankeijoro, ariko mu gihe c'akagoroba hazobaho Umuco."

Vyari ibiki? Rya zuba nyene rirasira mu Buseruko ni ryo zuba nyeneriboneshereza mu Burengero.

Igihe cose izuba riseutse, rikagenda hanyuma rikarenga, bisobanura ubuzimabwawe. Umwana muto avuka afise intege nke, mu gitondo. Ahagana isaha zibiri, akajakw'ishure. Isaha izatu n'igice, akaba arahejeje ishure, ni ubushuhe bw'umunsi. Hanyumarica ritangura kurenga, ku myaka mirongo itanu, mirongo itandatu, mirongoirindwi, mirongo umunani, mirongo icenda. Rirengera hiyo maze rigapfa; risubirakugaruka bukeye, rikavuga riti: "Hariho ubuzima, urupfu, guhambwa,izuka."

96 Kandi nimurabe, ubusirimu bwajanye n'izuba. Ubusirimubwa kera cane dufise ni Ubushinwa. Umuntu wese ivyo arabizi.

Ni hehe Mpwemu Yera yamanukiye? Mu gihuguc'Iburasirazuba, ku bantu bo mu Buseruko. Kandi Ubutumwa Bwiza bwafatanyeurugendo n'izuba. Bwazananye he? Bwazananye mu Buseruko, bwinjirana mu Budagi, buvamu Budagi bwinjira mu Bwongereza…Bwajabutse ikiyaga incuro zitatu. BwajabutseIkiyaga Mediterane bwinjira mu Budagi, buva mu Budagi…Kuva ku KiyagaMediterane, uhereye mu Buseruko, bwinjira mu Budagi buciye muri Mediterane; buvamu Budagi, bujabuka hakurya y'Ibahari itandukanya Ubwongereza, mu Bwongereza; buvakw'ibahari y'abongereza bwinjira muri…nako Atlantike, bwinjira muri Amerika.

None ubu buriku Nkombe y'Uburengero. Bwajabutse igihugu bwateje imbere burarengana, burabandanya.Urugendo rw'ubusirimu; Ubutumwa Bwiza bwajanye nab wo. Ubu rero vyose biri ku Nkombey'Uburengero, aho vyose birunze, nk'ukuza kw'igisebuzi.

97 Ariko umuvugishwa yavuze ati: "Umwanantazomurika mw'uyo munsi; uzoba ari umunsi w'umwijima." Bararonse Umucouhagije, nk'umunsi w'imvura nyinshi, bari bashoboye kwiyunga n'amashengero,bakizera Umwami, n'ibindi nk'ivyo. Ariko, yavuze ati: "Mu gihe c'akagoroba,ibicu bizohava, amadini azokabirana." Hanyuma bwa Butumwa Bwiza nyene, rya Jambonyene ryambara umubiri, nk'uko Yabisezeranye muri Luka 17:33. Bwa Butumwa Bwizanyene, hamwe na ca kintu nyene, bwoshitse mu gihe c'akagoroba, mu gihe ibitutu bigendabigabanuka. Bwa Butumwa Bwiza nyene, umwe Kristo nyene yabayeho mu mubiri hariyakera mu ntango mu bantu bo mu Buseruko, Azokwongera kubaho mu bantu bo muBurengero mu gihe c'iherezo. "Mu gihe c'akagoroba, hazobaho Umuco."

"Ivyanditswevyose bitangwa mu guhumekerwa," kandi ntibishobora kuvaho.

98 Ya minsi mirongo itanu ihambaye yarangiye. Umunsi mukuru wa pentekote warangiye,amasabato ndwi; gushika ku nzamba, ikigereranyo c'Ibihe Ndwi vy'Ishengero. Mwibuke,mwibuke,i…mu gihe c'Inzamba ya Gatandatu, Abayuda…Muriko murakurikira? [Ikoranirorivuze riti: "Amen."—Umw.] Mu gihe c'Inzamba ya Gatandatu, A—Abapentekote bashibuyeBibiliya; a—akazuyazi, atari Abapentekote gusa, n'abandi bose. Isi y'amashengeroyarashibuye Kristo maze Atabwa hanze. Hanyuma mur'iyo Nzamba nyene… Hanyumamw'iryo Shashara nyene, nako, igihe ryugururwa, kugira ngo ryerekane ko Yesu yarihanze y'ishengero, Agerageza gusubirayo; mw'uyo mwanya nyene, Inzamba irumvikanaku Bayuda, maze Abayuda bakamenya Impongano. Ubwiza! Haleluya! Ôo, bagenzi!

Mpwemu Yera yaranyoshwe n'inzuziz'amadini, imyaka igera ku bihumbi bibiri, ariko ategerezwa kurekurwa mu gihec'akagoroba n'Ubutumwa bw'igihe c'akagoroba. Mpwemu Yera yongeye kugaruka mw'Ishengero;Kristo ubwiwe, yihishuriye mu mubiri w'umuntu, mu gihe c'akagoroba. Yarabivuze.Yarabisezeranye.

99 Habayeho intambwe zitatu zavyo, nk'uko nabivuze. Abamaratiri, igihec'abamaratiri, kubwavyo; hanyuma intambwe y'abagorozi; hanyuma ubu na ho niigihe co guhamagarirwa gusohoka.

Igihe bizoba birangiye, mu Gihe ca Lawodikiya,twisunze Ivyahishuriwe Yohana 10, ibanga rya Bibiliya yose ryomenyekanye ku Mugeni.Mbega ukow ni ukuri? Ivyahishuriwe Yohana 10. Mukurikire mwitonze rwose.Uh-huh. Umugeni, yahamagariwe n'Ijambo gusohoka; Kristo ubwiwe ahamagaraUmugeni, yerekana Abaheburayo 13: 8 mu buryo butomoye ko "Ari Wa Wundinyene ejo hahise, uyu munsi, n'ibihe vyose," Akora vya bindi nyene, WaWundi nyene. "Unyizera, ibikorwa nkora na we azobikora." Murabona? Luka 22…Nako,Luka 17:30, hamwe na Malaki 4, Abaheburayo 4:12, ibi Vyanditswe vyose vyasezeranywe,ibi bitegerezwa kuba hagati y'Ishashara rya Gatandatu n'iry'Indwi, hamwen'Inzamba ya Gatandatu n'iy'Indwi.

100 Umunsi mukuru wa pentekote urangira mu gihec'Inzamba y'Indwi, kuko igikurikira ni Ukuza kw'i… Ishashara ry'Indwi, kukoigikurikira ari ibanga ry'Ukuza kwa Kristo, ikindi na co, iyo Nzamba yumvikanakubw'Abayuda. Inzamba yabo ya Gatandatu irumvikana, kandi imaze gusamirana,ibamenyesha Umwana w'Imana ahishuwe; agacerere k'igice c'isaha. Mwibuke, Inzambazose zumvikana mu gihe c'iri Shashara rya Gatandatu. Ishashara rya Gatandatu rirangizairyo banga, mu Gihe c'Ishashara rya Gatandatu, imbere yuko iry'Indwi ryugururwa.

101 Nimurabe hano mu Balewi 23:26. Mbega ukuntu Ivyanditswe bikurikirana! Inyuma y'igihekirekire ca pentekote, ivyo Isirayeli yashibuye kiriya gihe; hanyuma Ica IhamagariraIshengero ry'Abanyamahanga gusohoka, mu gihe c'uyu munsi mukuru wa pentekote.Ni bangahe batahura ico umunsi mukuru wa pentekote uri? Ni umwimbu ca…umwimbuwa mbere wo mw'isarura, umushuzo w'izuka, umunsi mukuru wa pentekote.

Bantu,ibi ntibibacike! Na mwebwe muriko mwumviriza bande, mukurikire mwitonze rwose!

Iki cabaye gihe c'umunsi mukuru wa pentekote. Abayuda basigaye mu gacerere;Barabishibuye. Noneho bategerezwa guhamagarirwa kugaruka kw'iyo Mpongano. TuraziUwo iyo Mpongano Yari; bo natvyo bamenye. Ijwi ry'Inzamba, inyuma ya yubile yapentekote, rikoraniriza Abayuda hamwe. Ntimushobora kubona ukuntu iyo Nzamba yakwa gutotezwa mu gihe ca Hitler hamwe na bamwe bandi, yasamiranye? Kandi Abayudabahatiwe gukoranira hamwe, kugira ngo bashitse Ivyanditswe.

Noneho murabitahuye? Ababitahura bose nimuvuge "Amen." [Ikoraniro rivuze riti: "Amen."—Umw.] Vyiza. Neza cane.

102 Nimurabe hano mu Balewi, 26 kano kanya, uko Ivyanditswe bikurikirana. Inyuma y'igihekirekire ca pentekote, kikaba kirangirira mu guhamagarira Umugeni gusohoka,Umugeni ahamagarwa n'umusavyi. Igikurikira, Umwe Yanswe, Amenyekana kuri Isirayeli,umunsi mukuru w'Impongano. Nimumenye ko hano ari kimwe no mu Balewi igice ca16, ubu, igihe Yategeka umunsi mukuru wa pentekote…nako umunsi mukuruw'impongano, ariko aha hantu bitwa…

Ôo, mbega ukuntu bitunganye! Abavugabutumwa barabitahura. Murabona? Ntibibacikebakozi b'Imana.

Mw'uyu munsi mukuru wa pentekote, uyu werekanwa mu Balewi 23:26, nako 23 na 24,ni umunsi mukuru w'ikigandaro, atari umunsi mukuru wo gukerera. Umunsi mukurubakerera…Nako aho impongano yakererwa. Impongano yarakererwa. Abalewi 16,bibangabanganywe na vyo rwose. Kimwe gusa, hano hantu, ni Isirayeliihamagarirwa kugandara kubw'ivyaha vyabo. Mbega ukuntu bitunganye uyu munsi! Siugukererwa kwiwe; uwo Mose yagereranije mu gukubita Igitandara ubugira kabiri;ntihagira ikivamwo. Si umunsi mukuru w'ugukerera, ahubwo ni ikigandaro kubonabarashibuye iyo Mpongano. Ôo, bagenzi! Iyi izoba ari Inzamba, umunsi mukuru,kuba Yarashibuwe, hanyuma Mesiya wabo akimenyekanisha.

103 Nimurabe, bazomenya Mesiya wabo nibamubona. Azoza mu bushobozi ubu hoho, Uwo barondera.Azoza mu bushobozi, ku Mugeni w'Abanyamahanga, kandi Abayuda bazomumenya.Hanyuma Bibiliya ivuga…Ivyo twarabiciyeko turavyigisha hano mu mezi atandatuaheze, canke arenga. Bibiliya ivuga, hamwe bavuze bati: "Izo nguma wazikuyehe?" Ni bangahe bibuka ubwo Butumwa? Kiriza ibiganza vyanyu. Koko, mu… Murabona?"Izo nguma waziye he?"

YishuyeAti: "Mu nzu y'abagenzi banje."

Muribuka nigisha kuri ca—kuri ca gihe Yakobo yarungika abana b'Isirayeli kuronderaibintu, imfungurwa n'ibindi, ukuntu Yosefu yifashe nk'utabazi; n'ukuntu ivyobintu vyose vyabandanije, mu nyuma akabibwira? Muravyibuka? Hanyuma bagiraubwoba bwinshi, batangura kurira. Ya makuba ya Yakobo nyene.

Rero hano tubona Abayuda batotezwa; batazi aho bahagaze ubu, ariko barikobaragaruka.

Kandi nibabona Impongano igaragaye, Bibiliya ivuga ngo: "Igihe babibona,"bavuze ngo: "Umwe wese yiherereye ukwiwe, bamara iminsi barira, nk'u—nk'umuryangowabuze umuhungu wabo w'ikinege. 'Izo

nguma wazikuye he?'"

YishuraAti:" Mu nzu y'abagenzi banje." Murabona?

104 Mwibuke, aha Umugeni aba yamaze gushikamw'Ijuru; Umugore wa Yosefu yari mu kirimba. Yosefu yaciye yirukana abantu bosebamukikije, maze yibwira bene se; murabona, Umugore wiwe n'abana na bo baba barimu kirimba igihe Agaruka kugira ngo Yibwire Abayuda. Hariho Impongano. Ng'iyoya Nzamba yanyu isamirana. Ng'aho aho bazovuga bati: "Yoo!" Ni iki? HarihoImpongano. "Izo nguma zavuye he?" Ng'ivyo rero.

"Munzu yabagenzi banje."

Muribuka icyo barumuna ba Yosefu bavuze? Emwe, bavuze bati: "Noneho turicwa,ata kabuza. Twarabikoze. Twarakoze ikibi nk'ico."

Yabishuye ati: "Oya, Imana ni yo yakoze ibi kugira ngo ikize ubuzima." Iyo nkurumurayibuka, mw'Itanguriro? Murabona? Murabona? Rero Yabikoze artyo, kugira ngo Arokoreubuzima bw'Abanyamahanga, Umugeni. Yavuze Ati: "Nazikuye mu nzu y'abagenzi banje;ariko ntimubabare, murabona, ntimwigirire ubwoba."

105 Bazovuga bati: "Ôo, bagenzi! Twarananiwe rwose kumubona? Ni We Yari ya Mpongano,hanyuma turayihusha? Ô Mana!" Bavuze bati: "Umwe wese yagiye ukwiwe, bamaraiminsi barira." Ni iki? Impongano; agahinda. Iki gihe uku kuzakumenyekanisha Impongano, si impongano isanzwe ikererwa, nko mu Balewi 16.Ariko Abalewi 23 ni igihe c'ukugandara kubera icaha cabo. Kandi icaha cabo cariuko babiteye akagere.

Ôo, mbega ntimubona aho tugeze? Ntimubona impamvu izo Nzamba ataho zihuriyenatwe? Zose zumvikanye mu gihe c'Ishashara rya Gatandatu. Ubu rero murabona impamvuMpwemu Yera atashaka kunyemerera kubivugako? Kandi Data wo mw'Ijuru arabizi,hamwe n'iyi Bibiliya imbere yanje, yuko ukwo ari ukuri. Ntavyo nari nzi gushikaejo hahise, hirya y'ejo; mu cumba canje ni ho Yabihishuriye, Yarangendeye mazeIrabimbwira. Mvuyeyo, navuze nti: "Mugore wanje, ubu nabitahuye. Yangendeye ndihariya Irabimbwira. Ehe ng'ibi, mukundwa." Murabona? Murabona, ng'ivyo,murabona, birahuza rwose mu buryo butunganye.

Yemwe bantu mutayifise, nimwinjire vyihuta! Ashobora kuba ari yo mahirweyanyuma uronse. Ntuzi igihe ashobora kuzira.

Umunsi mukuru w'inzamba. Bibiliya ivuga iti: "Umwe wese yocye aja ukwiwe,bagasenga bakarira, kuko nk'abantu babuze umwana wabo w'ikinege bari bafise."

106 Nimurabe, ndashaka kuvuga ikindi kintu kimwe. Ubu rero mu kurangiza; ibintibibacike. Mbega ukuntu bitangaje! Duhereye ku Butumwa bw'umumarayika w'indwi(intwarabutumwa y'Ishashara ry'Indwi) mu Vyahishuriwe Yohana 10, ryari Ishasharary'Indwi, kugeza kuri za Nzamba Ndwi, hagati y'ivyo bihe bibiri…

Ô Mana, Ibi twobivuga gute, kugira ngo abantu babibone?

266Ni hagati y'iyo Nzamba ya Gatandatu, n'Inzamba ya Gatandatu n'i…Inzamba ya Gatandatun'Ishashara rya Gatandatu vyumvikanira rimwe. Kandi hagati y'Inzamba yaGatandatu n'Inzamba y'Indwi, hariho umuvugishwa aseruka imbere y'Abanyamahanga,guhamagarira abantu kugaruka ku Nyigisho ya Pentekote yo ku Nkomoko; hanyuma vyabishingantahe bibiri vyo mu Vyahishuriwe Yohana 11 babonekera Abayuda, bakabarungikakuri Yesu, mu gihe Ishengero riba rizamuwe. Bose, bavugishwa! Amen! Ijambo ry'Umwamintirishobora kuvaho. Ntiribizoba idini! Murabibona?

107 Nimusome mu Gitabu canyu hano murabe nimba ivyo bitari hagati y'Inzamba ya Gatandatun'iy'Indwi aho bizamwo hagati, bigatuma Abayuda bahamagarwa hagati y'Icago ca Gatandatun'ic'Indwi, dugaca dushika kuri vya bihumbi ijana na mirongo ine na bine (ivyomuravyibuka), bikaba vyari hagati y'ivyo. Muravyibuka? Hagati y'irya—irya—iryaGatandatu, Ishashara rya Gatanu n'Ishashara rya Gatandatu… Hagati y'Ishasharary a Gatandatu n'Ishashara ry'Indwi, aho ni ho habaye uguhamagarwa kwa bamwe ibihumbiijana na mirongo ine na bine. Muravyibuka? Rero aho ni ho izi nzamba zicazizamwo, murabona, n'ugutotezwa, nay a mafarasi yarekuwe aho.

Hanyuma, hagati y'ivyo, mw'ico gihe hategerezwa kubaho Ubutumwa bw'umumarayika w'indwi,bwigishijwe maze bucirakw'iteka Abapentekote. Yesu yari yatawe hanze; atan'umwe Ashoboye kuronka wo gukorana na We, Yatawe hanze, Yanswe. Ni Bibiliya ibivuga.Kubera ko, ni Kristo agaragajwe hagati yacu, Yesu muri twebwe twese, agaragajwemu kwera kw'Ijambo ryiwe, Arimenyekanisha. Nimba ivyo ari…

Ibi ivyo nizaniye, bagenzi. Ibi ni NI K'UHORAHO AGIZE, Ivyanditswe.

108 Hanyuma mur'ico gihe nyene…Rero, Ishengero (Umugeni) rimaze gukoranirizwahamwe, rica rizamurwa; maze iryo banga ry'Ishashara ry'Indwi, canke Ishasharary'Indwi, ibanga ry'ukugenda.

Abayuda na bo bahamagarwa n'ibanga ry'Inzamba y'indwi,na bo bakaba ari ba bavugishwa babiri, Eliya na Mose bagaruka. Kandi aho ni ho Abapentekotebose vyabacangiye; barindira ko habaho ikintu kanaka; Ishengero riba ryamazekugenda. Ibi biba ari ivy'Abayuda.

109 Kano kanya numvise iciyumviro c'umuntu umwe, avuga ngo: "Uwo ntashoborakuba Mose." Egome, ni we. Kano kanya mwibuke, Irashobora kumbwira ivyiyumvirovyanyu. Uh-huh. Uh-huh. Mbandanya ndavyuka yuko i-…Vyiza cane.

Reka ivyo ndabibatumberereze. Yari Mose. Kubera, iciyumviro cawe ng'iki. Uvuzeuti, ngo: "Mose, ntashobora kuba Mose, kubera Mose yarapfuye." Mwibaza ko ariEliya. Ni Eliya, ni vyo. Aho wiyumviriye ngo "ni Henoki." Uvuze uti: "Mose yaramazegupfa." Ariko mwibuke, yari ashoboye kwongera kugaruka mu buzima. Yarabikoze. Inyumay'imyaka amajana umunani, inyuma y'imyaka amajana, yagaragaye ku Musozi woGukayanganirako. Uragira uti: "Umuntu amaze gupfa?" Egome mushingantahe. Lazaroyari yapfuye; yarongeye arazuka; hanyuma biba ngombwa ko yongera gupfa. Murabona?Ni vyo. Uh-huh. Kandi n'ababi bazokwongera bazuke, hanyuma bibe ngombwa ko bapfiramuri rwa rupfu rwa kabiri. Mbega ukwo ni ukuri? Rero ivyo bikure mu vyiyumvirovyawe. Ni Mose. Nimurabe igikorwa c'ibango kir'aho, bihuye neza n'ivyo Mose naEliya bakoze; yugaye ijuru asuka umuriro. Murazi ibintu bakoze.

110 Nimuvyiyumvireko! Ni igihe c'iherezo, bantu. Haleluya! Wa Munsi uhambayew'umwami uri hafi. Nimukoranire hamwe. Umunsi mukuru wa Mesiya; bazomushibura,kandi bazomenya kw'ari We Mesiya wabo. Bibiliya ivuga ibintu bitangaje nk'ibibizoshika.

Mu Vyahishuriwe Yohana 11, umuhamagaro, igikorwa c'ibango ryabo kizoba ari cagikrwa c'ibango rya Mose na Eliya bahamagaye Abisirayeli, ngo bave mu migenzoy'Abayuda; nk'uko Ubutumwa bw'umumarayika w'indwi buhamagarira Umugeni kuva mu migenzoy'Abapentekote. Mwibuke, Mose na Eliya bategerezwa guhamagarira Abisirayeli kuvamuri za mpongano za kera z'imyagazi y'intama, n'intama, n'amaraso, impene,n'ibimazi, kugira ngo babahishurire Ikimazi kizima c'ukuri, kw'Ijambo.

111 Kandi Ubutumwa bw'umumarayika w'indwi, mu gihe ca ya Nzamba nyene, ca kintunyene neza, rya Shashara nyene, ni (iki?) ni guhamagara abantu, Umugeni, kuvamu migenzo Y'Abapentekote n'isi, ngo baze ku Mpongano y'ukuri, Ijambo, Kristo yihayeumubiri mw'Ijambo ryiwe hano, yambaye umubiri hagati yacu. Ubushahashatsibwaravyemeje, biciye ku mafoto. Ishengero rirabizi, isi yose. Turabizi mu buryontabanduka, kuko nta na kimwe Yigeze Atubwira muri NI K'UHORAHO AGIZE atari ivyariUkuri. Mbega hariya epfo ku ruzi, ntiyavuze Ati: "Nk'uko Yohana Umubatize yarungitse,ni ko n'iyi Ntwarabutumwa izozana…"

Naravyehejuru, ni isaha zitandatu zuzuye. Isaha zitandatu z'ijoro zatugeranye, bagenzi.Murabona ukuntu Ivyanditswe bitunganye? Mu buryo butunganye, Ukuntu Bi…

112 Ivyo, nimurabe,ntirizoba idini kanaka rizojayo gahamagara Abayuda. Bazoba ari abo bagabo babiri, Mose na Eliya. Bompi,abavugishwa.

Noneho nimurabe. Guhamagara Abanyamahanga, Umugeni ngo asohoke, Yasezeranyemuri Malaki 4 gukora ico kintu nyene.

Kandi Bibiliya yavuze yuko Yokwirukanywe mw'ishengero, mu Gihe c'Ishengerory'Indwi. Yokwirukanywe mw'ishengero. Bizoba ari umwijima ukabije, hanyumabigende…Uwo mwijima ukabije uzobera he? Nivyinjira mu bumwe bw'amashengero,muri iyi nama mpuzamashengero, Inama y'Amashengero y'Isi. Rira…Arirukanwaburundu. Ijambo ryiwe, ntibashobora kwemeranya na Ryo. Murazi ko batashoboye.Ntibashobora no kwumvikana mu migwi yabo nyakarambi mito mito; ni gute bazokwemeranyan'Iryo? Rero, bakira ikindi kimenyetso c'igikoko, igishushanyo ca ca gikoko. Mwibukeko Bibiliya yavuze iti: "Hariho igishushanyo cakorewe ico gikoko."

113 Kandi iyi Amerika yamye ari igitigiri cumi na gatatu. Yatanguranye amareta cumin'atatu, abakoloni cumi na batatu; inyenyeri cumi na zitatu, imirongo cumin'itatu; igitigiri cumi na gatatu, kandi buri gihe ni umugore. Agaragara mugice ca cumi na gatatu c'Ivyahishuriwe Yohana. Kandi, ica mbere, ni umwagaziw'intama; ubugwaneza, umwidegemvyo wo gushikiriza iciyumviro, umwidegemvyow'ivy'ugusenga, n'ibindi; hanyuma baronka ububasha, bavugana ububasha bwose cagisato cari gifise imbere yiwe. Ni iki? Ico gisato cari iki? Roma. Murabona, carigifise ikimenyetso, ishushanyo c'ico gikoko, kugira ngo gihagurukire kurwanya Ishengerory'ukuri ry'Imana. Yishimikije aya madini, azoribangamira! Ariko nibatangurakubikora:

WaMwagazi w'Intama azoca atwara Umugeni wiwe kugira ngo yamane na We ibihe vyose,

Ingabozose zo mw'Ijuru zizokorana;

Ô,izobera amaso kubona abera bose bambaye izera derere;

Bazosangirana Yesu Ibihe Bidashira. Amen!

"Ng'ufungure,"Umwami ati, "Ng'ufungure." (Amen.)

Mbega igihe tubayemwo, mbega isaha! Hunge bantu, nimuhunge kubw'ubuzima bwanyu!

114 Nimurabe kano kanya, mu gusozera, ca gikorwa nyene gisa n'ic'umumarayikaw'indwi. Ivyo bishingantahe bibiri, mu gihe c'Inzamba y'Indwi, imbere gato…nakoInzamba ya Gatandatu, gato imbere yuko Inzamba y'Indwi ihe…

Ubu rero mwibuke, nababwiye ko nzogaruka kur'ibi, "Ya Nzamba Ihambaye."Yavuze, ni igiki Yari agiye gukora, hano muri Yesaya? Yavuze, ku…"Ya NzambaIhambaye yosamiranye. Inzamba Ihambaye!" Si izi Nzamba turiko turabona, umunsimukuru w'inzamba; hariho babiri, Mose na Eliya, kugira ngo bakore umuhamagarow'Inzamba. Ariko mu gihe c'iyo "Nzamba Ihambaye," Ukuza kw'Umwami,gutangaza ko Yodefu ashitse, murabona, yuko amahanga yose yokoraniye iYerusalemu. Amen. Ivyo mubisanga mu Gitabu ca Yesaya. Nabibahaye mu mwanyauheze, kimwe muri ivyo bice twasomye; muri Yesaya 18:1-3. No muri Yesaya 27:12-13,ni ho Avuga iyo "Nzamba," kandi yuko amahanga yose azomenya Isirayelimu gihugu cayo, Imana iri kumwe na we.

115 Igihe Umugeni azobana n'Umukwe, Umukwe akabana n'Umugeni; hazoca haza bwa Bwamibw'Imyaka Igihumbi buhambaye, isi yose niyamara kurandurwa n'ububashabw'amabombe ruhonyanganda. Hanyuma hazobaho "ijuru risha n'isi nsha," bizohorahoibihe vyose.

Nimurabe, ubwo nyene mu gihe…Ubu rero, nimurabe igikorwa c'ibange rya Mose naEliya kizo…None ubu, abantu bose barabitahura? Reka nongere ndabivuge. Igikorwac'ibango rya Mose na Eliya, hagati y'Inzamba ya Gatandatu n'iy'Indwi, bazoba ariabo bavugishwa babiri bazgira…ba… Abisirayeli bamye bizera abavugishwa babo.

116 None, ni kubera iki Mpwemu Yera yambwiye igihe natangura hariya, kugirango abereke ko Yari Umwana w'Imana, akavuga ati: "ntiharagera"? Muribukayuko nko mu myaka itanu iheze, ngiye mu Buhindi? Yavuze ati: "Ntubikore."

Navuze nti: "Bavuga ngo 'Nimba uyu ari Mesiya, reka tumubone Akora ikimenyetsoc'umuvugishwa. Turizera abavugishwa.'"

Mwene Data Lewi Pethrus hamwe na bo, ni bo barandungikiye izo Bibiliya; igihebaha Abayuda umuliyoni wazo ababa bazananye muri Irani n'ahandi hose, bariko baragaruka,bakoranira hamwe, ngo bahinduke igihugu.

Naciyenibwira nti: "Iki ni co gihe canje." Nari nza ngeze…i Kairo, muri Egiputa.

Yavuze Ati: "Ntubikore aka kanya. Igihe ntikiragera." Ubwonca ngaruka muhira. Uh-huh. Ôo, bagenzi!

117 Mose na Eliya bategerezwa guhamagara.Yubile ya pentekote iracabandanya, nako yarabandanije gushika magingo aya. Murabona?Noneho umunsi mukuru w'inzamba utegerezwa kumenyekana. Kandi uyu wa hano womuri Malaki 4 ntahuye ihujwe n'uyu w'aha; habe na gato, habe na mba. Nimubimenye,murabe hano, ico gikorwa c'ibango azoba ari Mose na Eliya bazokora iyo mpindukamaze bahamagarire Isirayeli kuva mu migenzo y'Ikiyuda, mwumvirize, bave mu migenzoy'Ikiyuda bari baragiyemwo. Kubera ari abavugishwa, bazokwizera—bazomwizera, babahamagarirekuja ku munsi mukuru w'Impongano, Kristo, bazobereka Kristo. Bazovuga bati:"Araje. Azoba Ari hano." Abayuda bazokorana, ibintu nk'ivyo.

Noneho igihe Azozira, Azovuga Ati: "Ndi hano."Murabona?

"Izonkovu Wazikuye hehe?"

"Munzu y'abagenzi banje."

118 Noneho, nk'uko abo bavugishwa bompi babigenje! Mwibuke, Umugeni wo mu Banyamahangaategerezwa kuronka umuvugishwa, yitwa Eliya, Eliya, kugira abahamagarire kuvamu migenzo yabo, uwo Mugeni; co kimwe nk'uko aba bavugishwa bahamagariye Abayudakuva mu vy'Ikiyuda baze kuri Kristo, ya Mpongano. Kandi Abanyamahanga baza baziiyo Mpongano, ariko ni guhamagarira Umugeni gusubira ku Mpongano yo ku nkomoko,aho aya masabato (mirongo itanu) agira…Aya masabato ndwi yose bagiye kure; abahamagarirakugaruka mu gihe c'iherezo. Za ntuze ndwi…Nimwumve! Intwarabutumwa y'Ishengero ry'Indwi,intwarabutumwa y'Inzamba y'Indwi, bose ni abavugishwa. Rero, ukwo ni ukuri.

Ahoni ho haja bamwe ibihumbi ijana na mirongo ine na bine.

Umuhamagaro, Amashashara, na yo akaba yega Abanyamahanga. Yategerezwa kuba yegaAbanyamahanga, kugira ngo ahishurire Abanyamahanga, kugira ngo babone Ishengerory'Abanyamahanga. Ivyo ni vyo tuzi gusa. Ivyo ni vyo tuzokwumva gusa; bikabavyararenganye. Turindiriye Yesu.

Uragira uti: "Noneho, hinge gato, Mwene Data Branham, nibaza ko bagiye gukora ibi."

119 Ikimenyetso ca nyuma ico Aburahamu…Kandi twebwe turi Uruvyaro rwa Cami rwa Aburahamu;Umugeni. Ikimenyetso ca nyuma Aburahamu yigeze abona imbere yuko ikimenyetso c'isezeranokiza…imbere yuko umwana w'isezerano aza, ni ikihe? Imana mw'ishusho y'ikiremwa-muntu,cari gishoboye gusuzuma ivyo abantu biyumvira; umugabo umwe, atari amacumi;umugabo umwe, n'ubwo hari ukwigana kwinshi. Bari bafise Umwe, kandi UwoYarasuzuma uvyo biyumvira. Ni iki? Hanyuma icakurikiye, Aburahamu na Sarabasubiye kuba umusore n'inkumi. Ivyo turabizi.

Aha rero, ndazi yuko bisa n'ibibagoye kumira ng'aha. Ariko mwibuke, kugira ngogusa mumenye neza ko mwabimenye aka kanya…Ntimusome Bibiliya gurtya; nimusome hagati y'imirongo murabe,muca mubona ishusho ije.

120 Nimurabe. Bibiliya ivuga ko Sara yari umutamakazi. We, bo… "Igitereko ciwe caricarapfuye." Mbega ukwo ni ukuri? "Ubuzima bwa Aburahamu bwari bwarapfiriye muriwe, uruvyaro rwiwe." Ni vyo?

Noneho mwibuke, uruvyaro rwa Aburahamu rwari rwarapfuye. Inyuma y'imyaka mirongoine yavyaranye abahungu indwi n'uyundi mugore. Yakoze iki? Yahinduye imibiriyabo.

Nimurabe, bafashe urugendo rw'ibilometero amajana atanu, bamanuka i Gerari,urugendo rurerure cane ku mutama. Yavuze…

Mbere Sara wewe yiyumvira yuko batari bagishoboye kurangura amabanga y'abubatse.Yavuze ati: "Jewe…" Hari haheze imyaka mirongo ibiri canke irenga kumbure, bataranguraamabanga y'abubatse. Yavuze ati: "Jewe umutamakazi, n'umwami wanje na wenyene akaba ari umutama; twoba tucongera gusubira kunezeranwa nk'abakiri bato?"

Amubaza Ati: "Mbega hari ikinanira Imana?"

121 Nimurabe ivyashitse. Ako kanya nyeneyaciye ahinduka asubira kuba umukobwa mwiza. Ivyo vyerekana, vyagereranya ivyoAzokorera Uruvyaro rwa Cami rwa Aburahamu, kugira ngo Rwakire wa Mwana Yasezeranywe.Yagarutse ku muso yaciye ahinduka asubira kuba umuyabaga…

Nimurabe, baramanutse i Gerari. Habaye iki? Umwami Abimeleki, yaciye amugomwa, avugaati: "Ni mwiza cane kandi w'uburanga," kandi yari agiye kumurongora.Ni vyo? Nyokuru; hamwe n'abandi bakobwa beza bose bari hariya. Nyokuru, "Nimwiza. Afise mu maso heza." Murabona?

Imana yarahinduye umubiri wiwe, Ibasubiza kuba imiyabaga. Ni ibanga ritegerezwaguhishurwa ubu mur'iki gihe n'umwana w'umuntu, murabona, Ubutumwa bw'akagoroba.Murabona? Barahinduwe! Kandi ico cabaye ikimenyetso ca nyuma babonye, (iki?) ukwogusuzuma amabanga, imbere yuko ihinduka ry'imibiri riba.

None imbere yuko dushobora kwakira Wa Mwana, haba iki? "Inzamba y'Imana izovuga; abapfiriye muri Kristo bazobanzakuzuka, bafise imibiri mishasha; natwe abazoba bakiriho tuzohindurwa mu kanyagato, mu kanya nk'ako gukubita urugohe," haleluya, maze tuzoca duteruranwa,dusanganire Umwami mu kirere." Iryo banga ryamenyekanye; Amashasharayaruguruwe.

Inzamba yaravuze kuri Isirayeli; abo bavugishwa babiri bariteguriye guseruka. Niiki? Ishengero ritegerezwa kuva ku rubuga ubu, kugira ngo bashobore guseruka.Ntishobora gukorana n'ivyo bibiri icarimwe; ntiyigeze Ibikora. Murabona?

122 Ôo, Mwene Data, raba! Ni ukuri, kugira ngo babahamagare bose, babahamagarire kuvamu madini n'imigenzo. Ubu rero turabona ko kw'ishengero ry'igihe ca pentekote vyarangiye.

Umugeni ategerezwa kuva mu nzira, ubu ategerezwa kuzamuka; kugira ngo abo basavyibabiri, abasavyi babiri b'Imana bo mu Vyahishuriwe Yohana, abo bavugishwa babiri,kugira barashobore guseruka ku rubuga babavugirize Inzamba y'Indwi, babamenyesheKristo.

Umumarayika w'indwi, intwarabutumwa, ivuga iti: "Ng'uyu Wa Mwagazi w'Intamaw'Imana akura icaha c'abari mw'isi!" Atari, "Ng'iyi Metodiste yanje, Batisteyanje, Pentekote yanje." Ariko, ni "Ijambo, Wa Mwana w'Imana, Wa Mwana w'Intamaw'Imana akura icaha c'abari mw'isi," kuko nta rundi rufatiro ruhari! Murabona?

Dusigaranye igihe kingana gute? Abayuda bari mu gihugu cabo c'amamuko. Umugeni yahamagawe.Mu buryo bw'Ivyanditswe, ibintu vyose birahuye neza n'ivyo Yasezeranye.Turiteguye. Igihe kirageze.

Mumahanga biranse, Isirayeli yavyutse,

Eheibimenyetso Bibiliya yahanuye;

Iminsiy'Abanyamahanga iraharuwe, yuzuye amaganya;

“Garukamuhira, yemwe abasabagiye.”

Umunsiwo gucungurwa uri hafi,

Imitimay'abantu ijonjogowe n'ubwoba;

NiwuzureMpwemu w'Imana, tegura itara,

Rangamiza!Ugucungurwa kwawe kuregereje.

Abavugishwab'ibinyoma baguma babesha,

BahakanaUkuri kw'Imana,

KoYesu Kristo ari We Mana yacu; (Ni vyo.)

Kuk'Umunsiwo gucungurwa uri hafi,

Imitimay'abantu ijonjogowe n'ubwoba;

NiwuzureMpwemu, tegura itara (ntiwigerezeko.)

Rangamiza!Ugucungurwa kwawe kuregereje.

123 Umuvugishwa yavuze ati “Mu gihe c'akagoroba hazobaho Umuco.”

Kukagoroba hazobah'Umuco,

MuzomenyaInzira ija mu Bwiza koko;

Guhambwamu mazi, mw'Izina ryiza rya Yesu,

Uwoni wo Muco w'uyu munsi.

Abaton'abakuze, nimwihane ivyaha vyanyu vyose, Mpwemu Yera azinjiramwo rwose;

Umucow'akagoroba waje,

Siivyimbeshere Imana na Kristo ni Umwe.

Turi hano! Turi kw'iherezo. Ibi si ibintu vy'ubupfuvy'umuntu. Ibi ni NI K'UHORAHO AGIZE.

Reka twunamikeimitwe yacu.

124 Mana y'imbabazi,Yehova, Imwe Mushobora vyose yaturagara ku Musozi wa Sinayi; abantu bagacabasemerera bati: “Mose nabe ari w'avuga, atari Imana, twoye gupfa.” Wavuze,Yehova Ahambaye, Uti: “Nzobahagurukiriza Umuvugishwa. Sinzongera kuvuganana bo ukundi nk'uku.” Ariko Wasezeranye ico Wokoze, kandi Waragikoze; WaraduhagurukirijeUmwami Yesu. Ni We Jambo. Wavuze ko Yari Ryo. “Ubwa mbere na mbere Ijamboyariho, kandi Jambo yahoranye n'Imana, kandi Uwo Jambo yari Imana. Kandi Jambo yigizeumubiri, abana natwe.”

Turabonaibintu Yatuvugishijweko hano, biciye ku muvugishwa wiwe Yohana, ku kizinga c'iPatimo. Turabibona bishitswa, urudome ku rundi. Turabona Mpwemu Yera agaragajwehagati yacu hano kw'isi. Turabona amadini amwirukana mw'ishengero; Ijambo. Ntana kimwe bapfa n'abantu; ni iryo Jambo banka. Rirwanya imigenzo yabo. Ni nk'igiheWari hano kw'isi, Wari Ijambo, kandi Wararwanya imigenzo yabo; baciye bakwirukanamu mashengero yabo, ahantu hose.

125 None ubu, Mwami, nta na hamwe bemera ko dukorana. Ndagerageza no kuja muriAfrika y'Epfo, aho nzi ko hariyo imishaha imwe irindiriye. Ahantu hose, kandi bisank'aho batazonyakira, Mwami. Si kubera jewe, Mwami; ni kubera ubu Butumwa.Ariko Wavuze uku ari ko vyogenze, kandi Waratumenyesheje kugira ngo ntituzocikeintege. Turazi igihe tubayemwo.

Mana, aba bantu bicaye hano muri ikigitondo, muri iki cumba gishushe nk'ifuru hano. Bateze amatwi batekereje. Ububabibonye ata nkeka. Nimba atar'uko, Ubihishurire, Mwami, impamvu Utanyemereye kuvugakur'izo Nzamba. Ndabona ko ataho bihuriye natwe. Neza na neza ky Nzamba ya Gatandatu,ni ho vyose vyabereye, kandi twaramaze kubona Ishashara rya Gatandatu ryuguruwe.Kandi twarabonye mw'iyerekwa hano, mu ndwi zibiri ziheze, mw'iyerekwa ry'ibanzery'Umugeni n'ishengero, nk'uko nabivugiye hano. Nabivuze nk'uko Wabinyeretse,Mwami. Turi hano. Hashobora kuba hararengeranye kuruta uko tuvyibaza.

126 Ô Data, nimba hhariho umuntu hano muri iki gitondo, ya—yafashe imiziririzokanaka gusa, akosho ka za tewolojiya kanaka, canke amajambo amwe ya tewolojiya anyuranyen'Ijambo ry'Imana! Bakaba batazi Kristo w'ukuri, Mpwemu Yera. Ijambontirirabahishurirwa, ingene Ijambo ritegerezwa kumera mur'iki gihe.

Babona umugenzogusa. Baba mu—mu Muco ubahumisha amaso. Co kimwe na bwa busuma bukomeye bwigezegukorwa kw'isi, hari mu Bwongereza, bwakozwe n'umuco w'ikinyoma. Kandi ubusumabukomeye Ishengero ryawe ryigeze kugira, cabaye ca igihe bafata umuco w'amadinibakanka Umuco w'ukuri wa Bibiliya, Kristo.

Ô Mana, gira imbabazi! Kiza abazimiye, Mwami. Ndakwinginze, ndasavye gato,Yesu. Turafise abakundwa bacu. Akandi gato. Vuba rya Buye rinini ruzosiduka ku musozi.Bikore, Mwami, nimba hari n'umwe muri iki gitondo ari hano atagufise, reka bazekano kanya, mu bwiyoroshi, bakwakire.

127 Mu gihe tucunamitseimitwe yacu. Nimba wokiriza ikiganza, vuga uti: "Unyibuke, Mwene Data Branham."Ntidufise…Ku gicaniro n'ahandi haruzuye. Imana iguhezagire. Vuga gusa, uti:"Unyibuke." Imana iguhezagire. Imana iguhezagire. Imana iguhezagire. Mu vy'ukurihariho amaboko amajana!

128 Mana Data, hariho igitutu gito ahantu kanaka. Gikureho, Mwami. Bicaye hano muriiri koraniro. Ntugire…Satani ashobora kuba yarabahumye amaso, mu bihe vyashize,ariko ndagusavye ngo ivyo ntuvyiteho, nk'uko wabidukoreye mu minsi myinshiishize. Ariko ubu mu gihe Uduhamagarira twese kubona…Bibiliya yavuze ko bariimpumyi. Ntibari babizi. Wavuze Uti: "Ndakugira inama yo kungurako umutiwo gusiga ku maso." Mana, koresha umuti wo gusiga ku maso muri iki gitondoku maso yabo, kugira ngo babone. N'ubwo ari ari ibiciye bugufi, mu mugwi w'abantubaciye bugufi; baciriritse, batize n'ibindi, ariko yamara ukwo nyene ni ko vyaribimeze mu ntango. Bikore, Mwami, kugira ngo bavyakire kano kanya. Ndabaguhaye,mw'Izina ry'Umwana wawe, Yesu.

Kandi Wavuze Uti: "Uwumva Ijambo ryanje." Ndazi neza Mwami, ahoukumenya kwanje kugarukira, bavyumvise. "Kandi akizera Uwantumye," atariuwigira uwizeye, ariko uwizera koko, akizera ivyo Ijambo ryavuze. "Afise UbugingoBudashira, kandi ntazoshirwa mu rukinja; ariko aba avuye mu rupfu ashitse muBugingo." Yohana 5:24.

Bikore, Mwami, ngo babe abawe, guhera kur'iyi saha. Nimba hariho ukwijijanyaimitima mu vyiyumviro vyabo, gukureho. Nimba hariho umuntu arwaye hagati yacu,reka umwe Mpwemu Yera ahambaye, Mwami, …Uwo nzi yuko ari ho ari; ahishuraivyiyumviro, ahagaze hano ku ruhimbi. Barabizi vyose. Ndagusavye ngo Ubakize,Mwami. Kemura ibibazo vyabo vyose.

129 Ikidengezi kiraza kwugururwa ku batari bwigere bibizwa mw'Izina rya YesuKristo, bafate Izina ry'Umukwe. Barafise amadini, amshengero; nta muntu n'umwe yigezeabatizwa muri ivyo vyubahiro vya "Data, Mwana, na Mpwemu Yera," canke ngo amijagirwekoutuzi; kandi ivyo bintu vy'imigenzi y'amashengero ya kino gihe, ni umuhari waanti-Kristo, ishushanyo ca ca gikoko. Nta muntu n'umwe yigeze abatizwa mw'izinarya "Data, Mwana, Mpwemu Yera," kugeza kw'ishengero Katolika. Bibiliya yose, kahisekose, kera hose havuga ko babatijwe mw'Izina rya Yesu.

Paulo yavuze, mu b'i Galatiya 8:1, ati: "Naho yoba ari Umumarayika avuyemw'Ijuru aje akigisha ubundi butumwa bwiza, arakavumwa." Kandi Wategetseabo bantu babatijwe mu gihe ca Yohana, umwe nyene yabatije Yesu, kuza kwongerakubatizwa mw'Izina rya Yesu Kristo, mu Vyakozwe n'Intumwa 19. Kandi yavuze ati:"Ntimunemere ko hagira n'Umumarayika ababwira ikindi kintu na kimwe."

130 Hazoza intwarabutumwa mu gihe c'iherezo, izorongorera abantu kugaruka ku mushuzo,bagaruke kuri kwa Kwizera kwo ku nkomoko. Bikore, Mwami, ngo iyo Ntwarabutumwa ihambayeiri hagati yacu aka kanya, Kristo ahambaye, umwe Mpwemu Yera atangagushwashwanuka, atanga ugutahura, akugurura Ijambo kandi akariduhishurira, rekaabarongore abagarukana kuri kwa Kwizera kwo ku nkomoko kwa pentekote. Nk'ukoPetero yabivuze ku Munsi wa Pentekote, ati: "Nimwihane, umuntu wese muri mwebweabatize mw'Izina rya Yesu Kristo kugira ngo mubone guharirwa ivyaha." Kandi vyahozebiri ibihe vyose, ku muntu wese, kugeza kw'ishengero ry'Abaroma i Nikeya.

Mana, gira imbabazi kano kanya. Ikidengezi kiza kuba citeguye; imitima iruguruye.Injira Mwami Yesu. Turi mu masaha ya nyuma. Nimba hariho akaryo ga Mwami, kuri bokugira ngo kur'iyi saha; ako nizigiye kandi nizera ko gahari. Natwe abari muriMwami, reka twisuzume kano kanya, mu gihe twabonye kandi twumvise Ijwi ry'Imanarivuga biciye mw'Ijambo ryayo, kandi turazi isaha tubayemwo. Bikore, Data.Turabakuragije, mw'Izina ry'Umwana wawe.

Kano kanya mu gihe tucunamitse imitwe yacu:

Yesuaraguhamara mu bwiyoroshi n'ubugwaneza,

Ahamagarawewe…

www.messagehub.info

Ubutumwa bwa

William Marrion Branham

"...mu minsi y'ijwi..." Ivyah 10:7